# Uruvyaro Rw'Inzoka

Jeffersonville, Indiana, USA

28 Nyakanga 1958 Ku Mugoroba

1 Mana nziza, Mana ihambaye kandi ikomeye, Iyaremye vyose kubw'Ubushobozi bwa Mpwemu wayo, ikarungika Yesu Kristo, Umwana wayo w'ikinege, Umwe yapfira twebwe abanyavyaha avyigombeye, Umugororotsi kubw'abagabitanya, kugira ngo aduhuze muri rya sangira twongeye kugiranira hamwe n'Imana, nk'uko tuvyigishwa mw' Ijambo rihezagiwe, yuko twari dufitaniye isangira na Yo imbere y'ukuremwa kw'isi: "Igihe inyenyeri zo mu gitondo zaririmbira hamwe, maze abana b'Imana bagasesereza impundu, hiyo kera imbere y'ukuremwa kw'isi." Tubwirwa n'iki ko ivyo bitabereye rimwe, hamwe Umwagazi w'Intama wakererwa; ca gihe hamwe Imana, mu Ciyumviro cayo gihambaye, Yatubonye dusesereza impundu tunezerewe mu gakiza kacu biciye muri Yesu?

None uyu mugoroba, dufise imponjo gusa y'imbere y'igihe y'ubwo bwiza buhebuje bwo mu buryo bw'Imana buzohishurwa ku Kugaruka kwiwe kwa Kabiri. Indwara zose n'intimba bizorangirana n'ukwo Kuza. Noneho tuzoca tugira umubiri usa n'uwiwe w'ubwiza, kuko tuzomubona ukw' Ari. Hano iyo turavye amaboko yacu akabirana, umusatsi wacu uhinduka imvi, n'ibitugu vyahetamye, duca tumenya yuko turi abantu buntu kandi turiko tugana mu mukungugu uwo imitwe yacu yunamye itumbereye kano kanya, aho twavuye. Ariko Mwami Mana, nk'uko yuzi neza yuko uri Imana, warasezeranye ko twokwongeye kuzuka mu minsi y'iherezo, kandi turavyizera.

2 Duhagaze twemye hamwe n'ukwizera kwacu uyu mugoroba mu Nyonga hawe, twaje dufise ubutwari kuko Yesu yadusavye kubikora. Si ku rufatiro rw'ikintu ciza twakoze, kuko nta ciza na kimwe twakoze; ariko twaje duciye bugufi, tuvuga ko dufise ubwo butunzi kubera ubuntu bwiwe twahawe. Kubw'ivyo, tuje tugusaba ngo Uze kuduhezagira uyu mugoroba mu gihe tuzana Ijambo. Kubera ko vyanditswe ngo: "Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, ahubwo azobeshwaho n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana." None reka akanwa k'Imana kavuge uyu mugoroba. Reka amajambo asohoke, kandi yinjire mu bwina bw'imitima yacu, abumviriza, maze twuzure Mpwemu wawe n'Ukubaho kwawe. Kubera ko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

3 Uyu—uyu munsi n'ejo hahise, nako mw'ijoro ryakeye, n'uyu munsi, twavuze kur'iki cigwa, ubwa mbere, kugira ngo duheraheze, *Kuber' Iki Tutari Idini.* Kandi twarabivuze mu nkomezi nyinshi, impamvu tutari idini, n'igituma tutizera amadini. Kubera ko, dusanga muri Bibiliya amadini atigeze ashirwaho n'Imana; yashizweho n'umurwanizi; kandi vyaragaragajwe na Bibiliya. Hamwe n'ukuntu ivyo, biciye mu madini, bizana ikosa. Noneho turavuga ibi kugira ngo dukosore kandi dushikane iri hema mw'isangira hafi y'Ijambo ry'Imana rihezagiwe. Ivyo, ivyizigiro vyacu ntabwo vyubakiye mu vyo iryo dini rivuga, canke ivyo umuntu uwo ari we wese avuga; vyubakiwe ku vyo Umwami Imana yavuze. Kandi ni yo nzira yonyene dushobora gukosorwamwo neza.

4 Muri iki gitondo, naronse ibintu bitanu, ndakeka ari ibintu bitanu bitandukanye bizanana mu madini, ibintu mu vy'ukuri bitavugwa muri Bibiliya, ivyo amashengero y'Abaporoti yateze yompi, kandi akaba ariko aravyigisha nk'inyigisho: bimwe nyene nyina wa kera umwe maraya, ishengero Katolika ryigisha, biri mw'ishengero ry'Abaporoti. Hanyuma tugatega yompi ca kintu nyene kinyuranye n'ahantu hose mw'Ijambo ry'Imana.

5 Ishengero rya mbere ry'idini, twabiciyeko uyu muhingamo muri kahise ka ba data b'i Nikeya, ishengero ry'i Nikeya. Intumwa zimaze gupfa, ivyo ni vyo vyaciye bishikira ba data b'i Nikeya, baca barabandanya imyaka myinshi. Imyaka amajana atatu na mirongo ibiri n'itanu, amaherezo bashika i—i Nikeya, mu Bufaransa, hamwe bagirira ya—ya nama nkuru y'i Nikeya. Maze aho bahashingira iyo mitegekere ishengero Katolika rifise ubu, none vyahambije n'Abaporoti.

6 Nk'uko nabivuze mu—mu nyigisho muri iki gitondo, "Kimwe cose mur'ivyo bihe vy'amashengero, kugeza kuriya—kugeza kuri kiriya gihe c'ishengero ry'i Tesalonike, imyaka igihumbi n'amajana atanu y'ibihe vy'umwijima, nta kindi Yavuze igihe na kimwe atari, 'Wumiye kw'Izina ryanje.'"

Hanyuma kw'uru rundi ruhande, ntibari bakiri muri Kristo, baje mw'izina ry'idini: "Katolika, Luther, Wesley, Ababatiste, Abaperesipiteriyano, Abapentekote."

Ariko gato imbere yuko igihe kirangira, Yavuze ati: "Nashize imbere yawe umuryango wuguruye." Murabona? Kandi ico ni co gihe twizera ko turimwo muri kano kanya, igihe c'umuryango wuguruye, hagati y'ukugenda kwa nyuma kw'ishengero rya Lawodikiya.

7 Kandi ni imyaka amajana atatu na mirongo ibiri n'itanu mu nama ya Lawodikiya. Kandi aho baremeje iyi migirwa nko kumijagira, gusukako, n'imibatizo y'ibinyoma, mpwemu yera w'ibinyoma, hamwe n'ibi bindi bintu vyose. Baravyemeje.

Hanyuma igihe Luther yasohoka mw'ishengero Katolika, akaba yari umupatiri, yasohokanye n'ivyo bintu. Maze havamwo Zwingli, muri Zwingli havamwo Calvin, muri Calvin havamwo Wesley. Kandi bagumye bazanana n'iyo mitegekere. None ni ni gute Imana ishobora kuyobora Ishengero ryayo, mu gihe bariko bajana inzira Itigeze Ibazanamwo ngo bazigenderemwo?

8 Kandi mwibuke, mu yasohoka mw'ishengero Katolika, Ivyahishuriwe Yohana 17, twahabonye "umugore." Ubu rero aya majambo aratomoye. Vyanditswe muri Bibiliya, ndakeka rero ko nshobora kubivuga. Havuga ko uyu mugore yari "maraya." Ivyo bisobanura yuko yari umugore w'ingeso mbi; yuko vyari vyitezwe ko arongorwa n'umugabo, agaca asambana n'isi. Kandi yari afise… Yari "NYINA W'ABAMARAYA," kubw'ivyo yari afise abakobwa. Twarabishushanyije mu buryo bw'indondabihugu, kuba muri…Kandi ng'aho, nanje ubwanje, ndabibona mu Vyanditswe, ndabona inyigisho ziwe n'ibindi vyose, ndizera ko Umwami yabishize ku murongo neza, yuko ivyo ata kindi bishobora kuba kiretse ishengero Latolika. Ni bwo buryo bwonyene bishobora kuba. Hanyuma yavyaye iki? Amashengero y'Abaporoti. Ni vyo koko yakoze.

Hanyuma yar'afise mu minwe igikombe ca vino y'ubusambanyi bwiwe, kandi yariko arayiha abami bo kw'isi. Rero ni we yari umutware w'isi yose, mu mvugo y'impwemu. Kandi ukwo ni ukuri koko. Nta yindi ntuze…

9 Nimurabe, reka, turashobora kugaruka kuri Daniyeli tukabona iyo shusho. Nimurabe iyo shusho: umutwe w'inzahabu, ubwami bw'i Babuloni; umuringa…nako ifeza, Abamedi n'Abaperesi; umuringa, Alegizandere Mukuru, n'abandi, ubwami bw'Abagiriki; hanyuma ubwami bw'Abaroma, Ubuseruko n'Uburengero bwa Roma, vya birenge vyombi.

Kandi nimurabe muri ubwo bwami cumi, buza neza hamwe n'ayo mahembe cumi twariko turavuga muri iki gitondo, muri buri bwami mur'ubwo cumi bwategerezwa guhaguruka, ryari ibumba rivanze n'icuma. Kandi ico cuma gishika ku maguru, ari yo Roma. Hanyuma hariho urusenga rw'Abaroma mu bihugu vyose biri musi y'ijuru, biciye mw'ishengero Katolika. Ni vyo rwose. Kandi ntibari kuja hamwe, na gato.

Kandi barashingirana hagati yabo. Bibiliya yavuze ko bobikoze. None nimubarabe uyu munsi.

10 Umuhungu wawe ajanye n'umukobwa w'Umukatolika; iyo bagiye kurushinga, bategerezwa gusezerana kurerera abana babo muri Katolika; murabona, no ku rundi ruhande. Murabona, ni gusenyura inkomezi z'uwundi.

Ariko ni iki? Bibiliya ivuga ko ico kintu cose ari maraya. None ubu mugiye gukora iki? Ni ukuri. Ukuntu ivyaha vy'abantu bizogenderwa…Twagarutse mu Gusubira Mu Vyagezwe, turerekana wa mwana w'ikivyarwa, umwana w'igitwarire, atari ashoboye no kwinjira mw'ikoraniro ry'Uhoraho kumara urunganwe cumi na rune. Ivyo hari mu gihe c'ivyagezwe. Kandi Kristo yaje gushimangira ivyagezwe. Ubu ni bingahe?

11 None bigenda gute kuri aba, bigenda gute kuri izi nyererezi mw'ibarabara uyu munsi, aba bagore bato n'amatabi, bambaye amabutura, bamoye imishatsi, n'ibindi n'ibindi? Hari ingorane nyabaki? Ni kubera ba nyina babo bǎkora ivyo. Ni uguharura ukugabitanya, kuva ku runganwe rumwe kugera ku kindi. Ni vyo. Dufise iki? Twageze ahantu aho ata kindi gihari atari ihuriro ry'umwanya w'icaha.

12 Ni yo mpamvu Imana yahagurukije Uburusiya hiyo hakurya, bufise ibirwanisho ruhonyanganda vyo kumuhanagura, nka kumwe umwuzure w'isi y'imbere y'umwuzure war'umeze, hamwe Yahagurutsa ibicu. Ni ukuri, Irabikora. Kandi Bibiliya irabivuga. Uburusiya, igihugu kitemera Imana nk'uko bari, ukutemera Imana, cagiye koko mu minwe y'Imana Mushobora vyose. Nk'uko Umwami Nebukadineza yari uwo kurandura Abisirayeli kubera ko bananiwe kugendana n'Imana, Uburusiya buriko burahaguruka "guhorera abera," kw'ishengero Katolika, kubw'amaraso ryamennye y'abera. Bibiliya yarabivuze. Bigiye kwigarurira vyose.

13 Noneho nimurabe hano, nimba nyina wabo yari umukobwa wo muri korare, inakuru, na nyina akaba yari inyererezi, uyu munsi ni iki? Umutamvyi w'imiziki y'isi. Abana biwe bazoba iki?

Kandi uravuga uti: "Ese ivyo Imana irabikora?" Egome, mushingantahe.

Imana iraharura ibicumuro vy'abana, urwo runganwe, mbere no ku runganwe rwa cumi na kane. Kandi nimba Kristo yaje kubishimangira, twovuga duti: "Urunganwe ijana, canke urunganwe amajana atanu." Erega Yavuze ati: "Aba kera, mwarumvise bavuga, abo mu bihe vya kera bati: 'Ntukice.' Jeho ndababwira nti: "Wewe, umuntu wese ashavurira mwene Se ata mpamvu, uba wamaze kwica.' Mwarumvise bavuga, abo mu bihe vya kera bati: 'Ntugasambane.' Ariko Jeho ndababwira ko uwitegereza umugore wese kugira ngo amwifuze, aba yamaze gusambana." Yabigize…Gushimangira ni iki? "Kubigagamisha." Kandi nimba mu gihe c'ivyagzwe rwari urunganwe cumi na rune, bizotwara igihe kingana iki uyu munsi?

14 Kandi abasore, n'abagabo bo mu rugero rwo hagati, n'abagabo bubatse ntibacubaha indagano zabo z'ubugeni. Erega, baracikiza abagore gusa bakabana na bo ahantu hose, nk'imbwa zisanzwe. Imbwa irafise ukwubaha n'indero nziza kuruta abantu bamwe. Kandi ndazi ko ivyo biremereye, ariko ni vyo.

Kubera iki? Kandi amashengero arabandanya ukuri kwamye ataco abivugako. Kubera iki? Bariko bakora nk'uko ba nyina babo bakora. Amashengero arabiragwa. kubera, ishengero n'iri shengero ry'Abaporoti ava mw'ishengero Katolika, ivyaha vy'ishengero Katolika biraharurwa ku Baporoti. Mu vy'ukuri, ni, rero inkono ntishobora kwita urwavya "umwanda." Ni ukuri.

15 Noneho turabona, kandi mu Vyanditswe, twasanze…Kandi sinigeze mbona ikete kumeza hano uyu mugoroba. Navuze nti: "Nyereka ahantu na hamwe Imana yigeze ishiraho idini. Nyereka ahantu na hamwe Imana yigeze ishiraho umuvugabutumwa w'umugore. Nyereka ahantu na hamwe Imana yategetse kumijagira. Nyereka ahantu na hamwe Imana yategetse gusukako. Nyereka ahantu na hamwe Imana yigeze igira umuntu n'umwe yabatijwe mw'Izina rya 'Data, Mwana, Mpwemu Yera.' Raba ivyo bintu." Kandi yamara tubandanya tubikora. Vyaranyengetereye mw'ishengero.

16 Noneho, nababwiye nti: "Uburyo, canke, impamvu tutoshobora kuba Ababatiste, n'uko twizera ivyo kubatizwa mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo. Nta muntu n'umwe muri Bibiliya yigeze abatizwa mu bundi buryo. Uranyereka ahantu na hamwe umuntu umwe yabatijwe mw'izina rya 'Data, Mwana, Mpwemu Yera,' nzoca manika amaboko mvuge ko ndi umuvugishwa w'ikinyoma."

"Kandi nimba Bibiliya ivuga ko utegerezwa 'kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo,' ivyo bisobanura yuko utegerezwa kubikora gurtyo nyene. Paulo yabategetse kubatizwa hariya. N'ubwo bari babatijwe gute, bategerezwa kuza, bakongera kubatizwa. Bari babatijwe na wa muntu nyene yari yabatije Yesu Kristo; Yohana Umubatizi. Yavuze ati: 'Ivyo ntibigikora. Mutegerezwa kuza, mukongera kubatizwa.' Kandi bategerezwa kubikora imbere yuko baronka Mpwemu Yera. Ni wo wari umugambi w'Imana."

Ndashobora kwinjira mu buryo bwimbitse kurenza aho, uyu mugoroba. Kubera iki? Yesu arakomeza Ijambo ryiwe. Muravyizera? Noneho, hafi ya mwese mwari hano mur'iki gitondo, ariko ndashaka kwongerako gato kuri ivyo.

17 Kuki Paulo yategetse-…yategetse ivyo inyuma y'aho vyari vyamaze gukorwa? Paulo yagize ati: "N'ubwo hoza Umumarayika avuye mw'Ijuru akigisha ikindi kintu na kimwe, arakavumwa."

Noneho uravuga uti: "Dufise Umuco mushasha kuri vyo." Oya, ntawo mufise. Ivyo ni vyo umurwanizi yaje azanye kuri Eva, Umuco mushasha. Nta muco mushasha mukeneye. Mukeneye kugendera mu Muco Imana yamaze gushira hano, nta bindi.

18 Noneho nimurabe ibi, ukuntu vyoroshe. Bariko baramanuka bavuye ku musozi wo gukayanganirako, Yesu abwira abigishwa biwe ati: "Jewe Umwana w'umuntu, bavuga ngo ndi nde?"

"Bamwe bavuga ko uri 'Mose, canke Eliya, umwe mu bavugishwa.'"

Arababaza ati: "Mweho muvuga ngo ndi nde?"

Petero ati: "Uri Kristo, Umwana w'Imana nzima."

Na we ati: "Uri umuhirwe Simoni, mwene Yona; kuko atari uw'inyama n'amaraso yabiguhishuriye." Murabona, ntibizanana mu maseminari. Ntibizanana mu madini. "Uw'inyama n'amaraso si we yabiguhishuriye. Ntiwigeze uvyiga mw'ishuri rya tewolojiya. Ariko Data ari mw'Ijuru ni We yabiguhishuriye. Kandi kuri urwo Rutare nzokwubakako Ishengero ryanje; kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora," impishuro ya mpwemu y'ico Ari.

Nimurabe: "Kandi ndavuze ko uri Petero. Kandi nzoguha urufunguzo rw'Ubwami. Kandi ico uzohambira kw'isi cose, nzogihambira mw'Ijuru; ico uzorekura cose kw'isi, nzokirekura mw'Ijuru." Rero, Yategerezwa kwubahiriza Ijambo ryayo canke na ho ntiyari Imana.

19 Rero, Amaze gukora ivyo, inyuma y'iminsi mike, arabambwa, arazuka, aduga mw'Ijuru, hanyuma Petero yugurura Ubutumwa Bwiza ku Munsi wa Pentekote. Mbega yarabikoze? Ata nkeka ko yarabikoze. Noneho raba, igihe azoba…

Bose bariko barabacokora, kuko bari buzuye Mpwemu. Biswe "ivyaduka, aberanda bikumbagaza," canke izina kanaka mwen'iryo. Mbere barabatwenze, baravuga bati: "Aba baborewe vino y'igisama."

Petero arahaguruka hagati yabo, arangurura ijwi ryiwe, ati: "Bagabo Bene Data, nimwumve ijwi ryanje. Nimwumve amajambo yanje, muntege yompi. Aba ntibaborewe nk'uko muvyibaza; iyi ni isaha ya gatatu y'umunsi. Ariko ibi ni vyo vyavuzwe n'umuvugishwa Yoweli, ngo: 'Kandi bizoba mu minsi y'iherezo, nzosuka Mpwemu wanje,' n'ico Yokoreye abahungu bayo n'abakobwa bayo, n'abasavyikazi bayo n'abandi, kw'uyo munsi."

20 Hanyuma ivyo batanguye kuvyumva, bibacumita mu mitima. Kubera ko, bumvise umugabo atazi ABC ziwe, yamara bategerezwa kumwumviriza, bazi yuko yari afise Ikintu kanaka imbere muri we cariko kiramucanira, Mpwemu Yera. Kumuhagarika? Emwe, vyari kuba ari nko kugerageza kuzimya umuriro, mu nyubako igadutse ku munsi w'umuyaga. Ntiwari gushobora kubikora. Yari yuzuye Mpwemu Yera. None yaciye akora iki?

Baravuga bati: "Yemwe bagabo Bene Data, twokora iki kugira ngo dukizwe?"

Noneho mube magabo, Petero, ufise urufunguzo rw'Ubwami. Murabona?

Rero, igihe Yesu yazuka ku munsi ugira gatatu, ntiyari afise imfunguzo z'Ubwami bwo mw'Ijuru. Ivyo mwari mubizi? Yavuze ati: "Mfise urufunguzo rwa rupfu na kuzimu," ariko atari iz' Ubwami, kuko zari zarahawe Petero.

21 Noneho Yari Yavuze ati: "Petero, ivyo uzorekura vyose kw'isi, nzobirekura mw'Ijuru. Ivyo uhambiriye kw'isi, nzobihambira mw'Ijuru."

None ng'uyu hano ahagaze afise imfunguzo, kugira ngo yugururire isi iki kintu gihezagiwe. Kandi hano afise imfunguzo mu minwe. Kandi bărikó barabaza bati: "Twokora iki kugira ngo dukizwe?" Noneho, ivyo iyi ntumwa yavuze vyose gukora, Imana igomba kubimenya mw'Ijuru, nimba Yaramuhaye ubwo bubasha.

Noneho Petero aravuga ati: "Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzoronka ingabire ari yo Mpwemu Yera." Mbega ukwo ni ukuri? Kandi ni yo mpamvu imfunguzo ata rindi zina na rimwe zatumbereyeko mw'Ijuru, ubundi buryo na bumwe,iyindi—iyindi mero n'imwe. Urupfunguzo rwarahindukiye kw'isi, no mw'Ijuru rurahindukira, bitabaye ivyo Yesu ntiyubahirije Ijambo ryiwe kuri Petero. Kandi ahantu hose muri Bibiliya babatijwe inyuma y'ivyo, babatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo. Kandi abăba bâbatijwe imbere y'ivyo, bătegerezwa kuza bakongera kubatizwa, mw'Izina rya Yesu Kristo, kugira ngo baronke Mpwemu Yera. Ni vyo. Biracagenda uko nyene.

22 Rero, nimba twigisha umubatizo mw'izina rya "Data, Mwana, na Mpwemu Yera," ni ubuvugishwa bw'ibinyoma. Aho sinshaka kubababaza, ariko ibi ntegerezwa kubinyengetereza kugira ngo iri shengero ribimenye. Ntituri hano nk'umurwi w'abantu batazi gusoma no kwandika; turazi aho duhagaze mw'Ijambo ry'Imana. Murabona, turabizi. Ndahinyuje umuntu wese anyereke ahantu hari umuntu n'umwe yabatijwe mw'izina rya "Data, Mwana, Mpwemu Yera." None rero ugiye kwumviriza ubuvugishwa bw'ibinyoma canke Ukuri? Nimurondere mu Vyanditswe. Ni ahanyu.

Nyereka aho umuntu umwe muri Bibiliya, aho ishengero ryigeze rishiraho idini muri—muri Bibiliya. Nyereka muri Bibiliya aho bigeze bashiraho umuvugabutumwa w'umugore. Nyereka muri Bibiliya aho ivyo bintu vyose twamye tuvuga, vyigeze gushirwaho muri Bibiliya. Nta biriyo. Mbwira ahantu na hamwe. Muragenda mw'idini…

23 Rero, igihe Abametodiste bahaguruka, bigishije ukwezwa. Ivyo ni vyiza. Ariko igihe ivyo babikora, baciye bagira idini, maze biba bigarukiye aho. Ni co gituma Bibiliya yavuze iti: "Ufise izina."

Uragira uti: "Ndi Umukristo."

"None, uri mw'idini irihe?"

Ukavuga uti: "Metodiste," emwe aho mw'ico gihe uri maraya. "Ndi Umubatiste," maraya. "Pentekote," uri maraya. Uri uw'iryo shengero.

Mwategerezwa kuba aba Kristo. Ntimuje mw'ivyo bintu vyo kuvuga ngo, "Metodiste," "Batiste." Nimba uri Umukristo, uri Umukristo wo mu mutima.

24 Rimwe ryose mur'ayo madini rirashobora kuvamwo abana, abana b'Imana, ni vyo. Ariko iyo wiyumviriye ko uriko uja mw'Ijuru kubera ko uri Umumetodiste canke Umubatiste, ub'uriko urihenda. Kandi iyo ni yo mpamvu twagumye hanze y'ico kintu.

Kuki Ababatiste badashobora kubona?

Narabajije umugabo umwe w'Umumetodiste hano, yanditse akabaruwa, yakanditse kera. Yavuze ati: "Ikintu kimwe gusa twebwe dupfa na wewe, n'uko ukorana n'Abapentekote."

Naramubajije nti: "Iyo 'twebwe' ni bande?"

"Twebwe, Abametodiste."

Ndamubwira nti: "Emwe, ndakubwira ico nzokora. Nzoza mu gisagara iwanyu maze mureke Abametodiste babishigikire."

Yavuze ngo: "Ôo, birumvikana ko tutoshobora kubikora."

Ndamwishura nti: "Ni vyo nari niyumviriye. Ngumana n'Abapentekote kuko Abapentekote baravyizera. Ni vyo. Barabishigikira. Ni bo bavyungukiramwo."

Ni bangahe basomye ya ngingo mu kinyamakuru Life, hano vuba, yerekeye ishengero rya Pentekote? Ni kimwe mu bintu bihambaye mur'iki gihe. Baronse abizera benshi mu mwaka umwe kuruta ayandi mashengero yose uyateranirije hamwe. Kubera iki? No mu makosa yabo, Imana iriko irabateza imbere, kubera ko bizera Ukuri kandi bakagendana na kwo. Ni Ukuri.

25 Ariko ubu turiko dukora iki? Murabona? Ni co gituma tutari idini. Kandi nk'uko vy'ukuri Abapentekote

bagira idini…

Kandi igihe aho kera, igihe Mpwemu Yera yasukwa ubwa mbere kw'isengero rya Pentekote, hashize imyaka mirongo ine, bagatangura kuvuga mu ndimi, imwe mu ngabire; iyo ni yo ntoya mu ngabire zose. Iyo ni ntoya mu ngabire, nk'uko Mutagatifu Paulo abivuga, ni kuvuga mu ndimi. Yamara ikimara kumanuka, bavuze ngo: "Ôo ubu turamufise," maze bakora idini, Inama rusangi, ubu ni Amakoraniro y'Imana. "Ôo, nta n'umwe amufise kiretse uwuvuze indimi," maze Imana yaciye ibavamwo ubwo nyene, ibasiga aho nyene. Koko. Egome, mushingantahe.

26 Mw'uyo mwanya haza Abanyabumwe, maze babona umubatizo mw'Izina rya Yesu. Bavuze bati: "Ôo, turamufise," baba baritunganije. Bakora iki? Ubwo nyene Imana yaciye isohoka ibasiga aho nyene.

Ni "ku wugomba wese, naze."

Murabona, Abanyabumwe ntibashobora kuja mu b'Amakoraniro. Abo mu Makoraniro ntibashobora kuja mu Banyabumwe. Naraganiriye na bamwe mu bagabo beza bafise, Umushingantahe Goss, na Dogiteri Popa, n'abandi benshi. Abagabo bakomeye muri…Naricaranye na bo. Navuze nti: "Ni gute ushobora kwigisha ivyo ngo ni ikimenyamenya ntabanduka, kandi warize?"

Yanyishuye ngo: "Erega, Mwene Data Branham," umwe, babiri canke batatu muri bo, yari imvugakuri nyayo, ati: "Turazi ko ari amakosa, ariko twogira nte? Hamwe hagize ico tubivugako ubu, erega bica bihagarika integuro yose." Ni ukuri, kandi ntuzongera kuba umwepisikopi, canke umugenduzi mukuru. Ni co ciyumviro.

27 Mwene Data, nohitamwo kugira igikorwa gitoya mw'ikorosi, canke nkavugira ubutumwa munsi y'igiti c'ipinusi, nkagira Ukuri, koko, kandi nkaba nzi ko uriko uvuga Ukuri. Umuntu ashaka Ukuri. Kandi utegekwa nk'Umukristo gushingira intahe Ukuri. Imana izobikubaza.

Rero, kuri ibi bintu, nimba utabatijwe mw'Izina rya Yesu Kristo, ukaba utakoze ivyo bintu, kandi ukaba utaronse Mpwemu Yera…

Uravuga uti:"Ôo, naravuze mu ndimi." Ivyo ntibisobanura ko waronse Mpwemu Yera.

Narabonye abarozi, abapfumu, abadayimoni, n'abandi bose, bavuga mu ndimi. Koko. Nta Mpwemu Yera bafise, kandi ivyo murabizi. Baranywera amaraso mu gahanga k'umuntu, bagaca bakinda, hanyuma bakambaza imizimu, bavuga mu ndimi. Koko. Nta Mpwemu Yera bafise.

Rero, kubera ko wavuze mu ndimi, ntibisobanura ko umufise. Uburyo bwonyene umenyamwo ko umufise, ni igihe impwemu yawe ibwiririkanya na Mpwemu wayo, kandi ivyamwa vya Mpwemu bikagukurikira: urukundo, ukwizera, umunezero, amahoro, kwihangana, ivyiza, ubugwaneza, ubwitonzi. Aho ni ho umenyera ko ufise Mpwemu Yera. Arishingira intahe ubwiwe.

28 Noneho, mu gihe ugerageza kwishimikiza ivyo, kubera ko uri mu bo mu Makoraniro, canke mu Babatiste, canke mu Baperesipiteriyano, urabona ivyo uba uriko urakora? Uba uriko urafata izina rya maraya. Ni vyo rwose. Sohoka muri ico kintu. Nimukije kure. Sinshatse kuvuga kuva mw'ishengero ryanyu canke ikintu nk'ico; ukora ico ushatse kubikorako. Ariko nimuje kure yo kwishimikiza ngo: "Ôo, ndi Umuperesipiteriyano. Ntabwo twemera iminsi y'ibitangaza." Kuki mutayemera? Bibiliya iravyigisha. "Ôo, ndi mu uwo mw'Ishengero rya Kristo. Bavuga ko iminsi y'ibitangaza yarenganye." Ni abavugishwa b'ibinyoma.

Ndashobora kukwereka aho Yesu Kristo yahaye Ubushobozi Ishengero bwo gukiza abarwaye, no kuzura abapfuye, no gusenda abadayimoni. Ndasavye umuntu uwo ari we wese anyereke Icanditswe muri Bibiliya aho Yabukuye mw'Ishengero. Ni igiki cabukuyeyo? Imitegekere yanyu, ni vyo, atari Ijambo ry'Imana. Mpwemu Yera aracakora igikorwa, abandanya kwa kundi nyene, kandi Azokomeza artyo ibihe vyose.

Ni co gituma tutari idini, "Bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bagahakana Ubushobozi bwakwo; abameze bartyo ubatere ibitugu." Ntabwo twizera ibintu nk'ivyo.

29 None, vyatanguye gute? Biraza kuba ngombwa ko twihuta no kubishikira vyihuse mu buryo bushoboka kano kanya, uko vyatanguye. Noneho turafise Ivyanditswe vyinshi vyanditse hano ku vyerekeye Mpwemu Yera.

Kandi ikindi kintu twaraye dutangiye agahinyuza, ni ku "kwihangana kw'abera," atari mu buryo Ababatiste bavyizera. Oya, mushingantahe. Ndazi neza ko ntandukanye n'Ababatiste n'ivyiyumviro vyabo, ku vyiyumviro vyabo vy'Igikaluviniste. Mu vy'ukuri sinemeranya n'Abaperesipiteriyano. Ntabwo nemeranya n'Abametodiste mu buryo bwabo bw'inyigisho z'Ikirumeniya. Egome, mushingantahe. Ariko bompi barafise ukuri, ariko utegerezwa kugarura Hano ahari Ukuri. Iyo ugiye hiyo, uba womokanye na vyo. Koko.

30 Ababatiste baraza, bakabatiza bakeya hano, mu kwibiza; maze umuvugabutumwa akababatiza,

icenda kw'icumi banywa itabi, bagaca bisubirira hiyo bagahagararayo, bagakina amakarata, bakamara ijoro ryose mu kamari, bazunguruka hirya no hino, bakora ibikorwa birimwo amahinyu; abagore bose na bo bambaye amabutura hiyo hanze, bazunguruka mu mabarabara, bamwa umushatsi, ba—banywa itabi bongera bavuga insaku, bari mu mirwi y'ivyarahani, bavuga ibitĕbu vy'umwanda. Ivyo ni vyo mwita Ubukristo? Kandi mukiyumvira ngo murafise umutekano uhoraho? Mw'ubwo buryo muriko mwerekeza i kuzimu. Ntiwokwishimira Ijuru mu buryo na bumwe mwen'ubwo. Ata nkeka koko. Uwo si umutekano uhoraho.

Ariko iyo umuntu yavyawe ubwa kabiri na Mpwemu Yera…

Hanyuma namwe Bapentekote, kubera musimbagurika, mukavuga mu ndimi, mugasimbasimba mwiruka, ivyo ntibisigura yuko mufise umutekano uhoraho. Ivyo ntimwigere munabishira mu mutwe. Oya, mushingantahe. Si vyo na gato. Kubera murazi yuko u—ubwanyu buzima bubashiburira hanze y'umurongo, bugashingira intahe yuko mutari mu kuri hamwe n'Imana. Ni vyo. Ntimuri mu kuri. Na none uwo si umutekano uhoraho.

31 Ariko je nshaka ndabibarize ikintu kimwe. Aho koko harimwo umutekano uhoraho? Bibiliya irabivuga. Bibiliya ivuga ko amazina yacu yanditswe mu Gitabu c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'Intama imbere y'ukuremwa kw'isi.

Nk'uko nabivuze muri iki gitondo, ndongeye kubivuga. Umugabo yanditse iyi ndirimbo, ngo: "Hariho izina rishasha ryanditswe mu Bwiza uyu mugoroba, kandi ni iryanje," iciyumviro ciwe cari ciza cane, ariko twisunze Ivyanditswe, yarihenze. Izina ryawe ntabwo ryanditswe kuri wa mugoroba hamwe wakzwa.

Izina ryawe, twisunze Bibiliya, dukurikije Ivyahishuriwe Yohana 13, 17, n'ahandi, "ryanditsweyo imbere y'ukuremwa kw'isi; na Yesu Kristo yakerewe imbere y'ukuremwa kw'isi."

32 Ni gute Imana, Imwe itagira iherezo, ni gute Imana itagira iherezo, izi iherezo kuva mu ntango, ni gute Yari gushobora kureka icaha kikaza kw'isi, nimba atari kubw'impamvu kanaka?

Aha ni kugira gusa duce gato ku bintu bimwe-bimwe twari twavuze. Ni igiki gitangura, Umurokozi canke umunyavyaha? [Umuntu umwe avuze ati: "Umurokozi."—Umw.] Ni Umurokozi, koko. Ni nde ufise ububasha kurusha uwundi, Umurokozi canke umunyavyaha? Nimba Umurokozi ashobora gukuraho icaha, ni We afise ububasha. None, ni kuki Yaretse icaha kikabanza? Kugira ngo Yerekane ko Yari Umurokozi. Ni nde ahambaye cane, umukiza canke indwara? Umukiza. None se ni kuki Yaretse indwara zikaza? Kugira ngo Yerekane ko Yari Uwukiza indwara. Kano kanya numva merewe neza. Egome, mushingantahe. Ôo, bagenzi! Ni ibiyiranga.

Ni yo mpamvu Ireka ibibazo bikaza. Ni yo mpamvu Ireka imibabaro ikaza, kugira ngo Yerekane ko ari Yo munezero. Ni ko biri, koko. Ni co gituma dufise ijoro, kugira ngo vyerekane ko hariho umurango. Ni yo mpamvu tugira ishavu, kugira ngo vyerekane ko hariho amahoro. Koko, ikintu n'igihushane caco. Ôo, ni Nziza.

33 None, vyatanguye gute? Turabitumbera ubutarariye vuba hashoboka, ntabwo rero nza kubafatira ijoro ryose. Noneho, hategerezwa kubaho intango y'ibintu vyose.

Kandi nshaka kubasaba ikintu. Noneho ibi birashobora…Mubishire mu mifuko y'amakoti yanyu. Si ngombwa ko mubishira mu zindi mfungurwa. Ariko nimwumve ibi.

Nimba uri ikiremwa gihoraho, ntiwigeze ugira intango, kandi ntushobora kugira iherezo. Kubera ko, *igihoraho* kiva mw'ijambo "ridafise intango canke iherezo."

Ntimuvyibuka? Nabivuze muri iki gitondo, ukuntu umwe Melekisedeki, igihe Yahura na Aburahamu avuye kwirahira abami. Kandi Bibiliya ivuga, mu Baheburayo 7, ko—ko, "Lewi yarishe Melekisedeki ikigiracumi, igihe yari mu bura rwa se Aburahamu." Aburahamu yavyaye Isaka; Isaka yavyaye Yakobo; Yakobo yavyaye Lewi. Uwo yari se, sekuru, sekuruza. Nuko igihe Lewi yari mu bura bwa sekuru, Bibiliya imuvugako yuko yarishe ikigiracumi Melekisedeki. Muvuga Ibihe Bidashira! Bagenzi, bagenzi!

34 Ntiyigeze avuga ngo: "Yabikoze mu gitutu; ngo mu buryo kanaka yarabikoze." Bibiliya ivuga iti: "Yararishe ikigiracumi." Amen.

None rero, nimba duturuka mu Rubuto rw'ukuri, igihe Paulo yigisha Ubutumwa Bwiza ni ho nari ndi, kandi namwe ni ho mwari muri. Tugira tuvyinjiremwo mu kanya gato gusa, tubicokeremwo. Nimurabe, ni vyo Ivyanditswe bivuga kuri twebwe, mbere birasubira inyuma gushika kure.

Nimwiyumvire gato! Lewi; hanyuma Yakobo, se wiwe; hanyuma Isaka, se; hanyuma Aburahamu, se; sekuruza. Igihe Lewi yari mu bura bwa sekuruza, yararishe ikigiracumi Melekisedeki .

35 Ngomba ndababaze. Uyu ni nde, Yobu 27…38, igihe Yavuga ati: "Wari he igihe nashiraho amatanguriro y'isi? Igihe inyenyeri zo mu gitondo zaririmbira hamwe, abana b'Imana bagasesereza

impundu?” Abo bana b'Imana bariko barasesereza impundu bari bande? Yesu yababwiye ati:“Naragiranye namwe umunezero imbere y'ukuremwa kw'isi.” Ntabwo turi ivyaremwa vy'igihe. Turi ivyaremwe vy'Ibihe Bidashira.

“Nta muntu ashobora kuza kuri Jewe, Data atamukweze. Kandi abazoza kuri Jewe bose, nzobaha Ubugingo Budashira, kandi nzobazura mu minsi y'iherezo. Nta muntu ashobora kubakura mu kiganza kwa Data, ni We Yabampaye.” Uzoheza utakare gute?

Murabona, mufise ubwoba. Mufise ubwoba. Uzojuragirika hirya no hino. Kandi ivyo ni bimwe mu bimenyetso vyiza kw'isi vyerekana ko ataho urashika. Ni vyo.

36 Ni gute Imana ishobora kugukiza nimba…

Ni bangahe muri iri shengero bokiriza amaboko, bizera ko Imana itagira iherezo? Murazi ico ijambo *kutagira iherezo* risobanura? Ivyo biratunganye rwose. *Ikitagira iherezo*, ntushobora—ntushobora gusobanura ijambo *kutagira iherezo*.

Muramaze gufata kamera yanyu mukayiregerera ahatagira iherezo? Emwe, bisobanura gusa ibikurikira kuva aho. Neza cane. Nta buryo bwo kugutumbereza ukundi bushoboka.

Emwe, ico ni co Imana iri. Ntigira iherezo. Nimba kandi itagira iherezo, ntihashobora kubaho inyenzi, insazi, imfyisi, igikona, canke igikoma, canke ikindi kintu cose cigeze kubaho kw'isi, canke kizobaho, kireste ivy' Imana yar' izi imbere yuko isi inaremwe. Hariho Iciyumviro kimwe kitagira iherezo.

37 Nuko rero, Imana itagira iherezo ikurokora hano, Izi yuko Izogutakaza mw'iyinga riza, canke mu kwezi kuza, canke mu mwaka uza, emwe, Yoba Iriko Irahusha intego nyamukuru. Ntishobora kugutakaza. “Uwumva Amajambo yanje, akizera Uwantumye, afise Ubugingo Budashira, kandi ntazokwigera azamu rukinja, aba yavuye mu rupfu akaja mu Bugingo.” Ntivyokunda. Ntiwoba ukigira…

“Uwavyawe n'Imana ntakora icaha; kuko urubuto rw'Imana ruguma muri we, kandi ntashobora gucumura.” Ni gute ashobora gucumura mu gihe hariho ikimazi c'ivyaha kubwiwe?

Ni gute nshobora kurwara mu gihe ndi mu magara meza atunganye? Ni gute nshobora kuba impumyi mu gihe mbona? Ôo, bagenzi! Ni gute noshobora kuba ndi mu nyubako hanyuma nkaba ndi hanze yayo mw'uyo mwanya nyene? Ni gute nshobora kuba imborerwa no kuba uwutagira umugayo icarimwe? Ntibikunda.

Kandi iyo ukijijwe, uba uri musi y'Impongano, kandi ivyaha vyawe ntibiguharurwako.

38 Mbega Dawidi si we yavuze ati: “Hahirwa umuntu Imana itazoharurakw' icaha, ngoimuboneko icaha”? Imana ntigumiza icaha ku biremwa vyayo. Ivyo birakomeye. Aya si amata y'abana. Ariko iyo ni Bibiliya. Imana ntizoharura icaha ku bagororotsi.

Imana ku bw'ubuntu bwayo, biciye mu kugena ishikiro kwo kuva kera, “ntishaka ko hagira n'umwe ahona, ariko bose bashike ku kwihana.” Ariko kubera Itagira iherezo, Izi uwoje n'uwutoje, Yarashoboye gutoranya vyose kugira ngo bikore kubw'ubugombe bwayo. Nimba Itabikoze, kuki Yaretse icaha ubwa mbere? Igihe yari Umukiza…Iyo hatababaho umunyavyaha, ntabwo yari kuba Umukiza; ikiyiranga, ivyari muri Yo, ntivyari kuja ahagaragara.

39 Ni gute Yari kwigera iba Uwukiza indwara? Ni gute Yari kwigera Iba Uwukiza indwara? Kubera ko Yaretse indwara zikaza, kugira ngo Yiyerekane nk'Uwukiza indwara. Yari uwukiza indwara. Ni gute uzigera ubaho…Ni gute Yari kwigera imenyekana? Ni gute ibiyigize vyari gushobora gukora? Ni gute Yari kwigera ishobora kuba uwukiza indwara, nimba ata ndwara zari bwigere zibaho? Yategerezwa kureka indwara.

Ntibitangaje kubona Paulo yavuze mu Baroma 8, ati: “Wa mburabwenge we, ushobora kubwira Uhoraho ico abwirizwa kubikorako; ni nde, mbega ibumba ryohaguruka rikavuga riti: 'Kuki jewe umbumvye gurtya?' Mbega ntiyahagurukije Farawo kubw'iyo ntego nyene, kugira ngo yerekane icubahiro cayo muri Egiputa? Ikomantaza uwo Ishatse, kandi Itsindanishiriza uwo Ishatse. Ntibivana n'uwugomba canke uwiruka, ahubwo ni Imana igira imbabazi.”

Rero, nta kintu na kimwe wari ufise co kubikorako. Nta na kimwe ufise co gukora. Nimba ari ubuntu, nimba ari ingabire y'ubuntu, nta kintu ushobora kubikorako. Imana yarabiguhaye, kandi ni ubugombe bw'Imana. Ico ni co Imana yagutegekanirije kuva kera.

40 Bibiliya ivuga ko “twateganirijwe kuva kera kuba abana samuragwa, abana b'Imana, imbere y'ukuremwa kw'isi.” None rero, igihe Imana yakerera wa Mwagazi w'Intama, mu vyiyumviro vyayo, imbere y'ukuremwa kw'isi, kugira ngo Yerekane ibiyigize, ico Yari co; igihe Umwagazi w'Intama wakererwa, twakereranywe na Wo. Igihe Amaraso y'Uwo Mwagazi w'Intama yafatwa mu bwenge bwayo, hiyo kera imbere y'ukuremwa kw'isi, iryanje zina n'ayanyu yaranditswe mu Gitabu ico gihe, vyose muri ca Ciyumviro cayo gihambaye.

Ntigira iherezo. Nimba na ho atari ivyo, kuki Yabiretse?

41 Ni nde akomeye, (nk'uko nari ndabivuze,) Umurokozi canke umunyavyaha? Ninde afise ububasha kuruta uwundi? Rero, Umunyenkomezi yategerezwa kureka umuto, kandi abikora kubw'icubahiro ciwe gusa.

Igihe Yarema Lusiferi, yari azi ko yobaye umurwanizi. Yategerezwa kureka bikabaho kugira ngo Yerekane ko Yari Umukiza, umwe Kristo. Yategerezwa kureka bikabaho muri ubwo buryo.

Noneho, mbega Bibiliya si yo ivuga, ngo: "Ibintu vyose bikoranirizwa hamwe kugirira neza abakunda Imana"? None mufise ubwoba bw'iki?

Reka duhaguruke dukore, n'umutima witeguriye intambara yose;
Ntimube nk'inka bisaba guhinda!

(Abategerezwa kuyengwayengwa no kuryoshwaryoshwa.)
Nimube intwari!

Ndayikunze. Haguruka!

42 Akaririmbo gato kakunda kumfasha cane nkiri umwana, kagenda gurtya:

Hariho Umuroma w'umunyacubahiro,
Mu gihe c'umwami w'abami w'Abaroma,
Yumvise umunyabwoba,
Ari inyuma y'inkinzo,
"Ôo, ni umutekano mu bwihisho nk'ubu,
Nta muntu ashobora kunyiganyiza!"
Intwari iti: "Ôo, oya, nzokwicira inzira na none ndabikore!"

Ng'ivyo rero. Ni ukuri.

43 Nimba iyi Bibiliya yigisha ko Yesu Kristo ari wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose… Ntabwo vyari ibintu vyoroshe igihe nasohoka muri iri hema uwo munsi, abantu bose bambwira ko hazoba *ibi*, kandi ngo hazoba *biriya*%%. "Ushobora gufatwa nk'umunyakaguma, ugatabwa mu mvuto, kandi amashirahamwe y'ubuvuzi yose akakurwanya." Ariko Imana yavuze ubikore. Bibiliya yavuze ko ari co Yari. None ubu umuriro w'ikanguro uriko urarurumba mu mahanga yose musi y'Ijuru. Kubera iki? Haguruka ubikore!

Ukora ute igikorwa cawe ca buri munsi?
Uratinya igikorwa uhabwa?
Urashobora guhagarara neza ku gikorwa kiri imbere?
Woba ufise ivyiyumviro bidendebukiwe kandi bigaragara? (Ivyo bintu ndavyanka.)
Canke urahagaze neza ku gikorwa kiri imbere, Canke ufise ubwoba igihe cose ubiciyemwo?
Nimba ari uko, hangana n'igikurikira muzohura, Wiyumvira yuko uzobikora.

Gumana na vyo. Koko. Intego mu mutima wawe, nka Daniyeli. Gumana n'Imana.

44 "Ibi vyose vyabereye hehe? Ni gute vyashitse? Ni ibiki bigira abantu gurtya? Twimirije kurandurwa n'iki? Mwene Data Branham, nsobanurira. Ni igiki gituma wiyumvira ko iki kintu cose gitegerezwa gukuburwa?" Har'igihe cigeze gukuburwa imbere y'aha (mbega ukwo ni ukuri ?) muri kwa kurandurwa kw'isi y'imbere y'umwuzure. Ubu rero hano haje ibintu vy'ubwina. Kandi turiko turitegurira gusoma.

45 Kano kanya nshaka ko muzingururana nanje hariya mu Gitabu c'Itanguriro, ku gica ca 3. Nimba hari ikintu na kimwe mushaka kumenya, ndashobora kukibereka mw'iki Gitabu c'Itanguriro aho ugusenga kwose n'umugirwa, hamwe n'ibintu vyose dufise ng'aha uyu munsi, vyatanguriye mw'Itanguriro. Ni bangahe bazi yuko Itanguriro bisobanura "intângo"? Ata nkeka.

Ishengero Katolika turisanga mw'Itanguriro, Babuloni, uwaritanguje Nimurodi, turabisanga hagati muri Bibiliya, tukabisanga mu mpera za Bibiliya, turabibona, bagerageza kuzanamwo abagore b'abavugabutumwa, mu ntango za Bibiliya, mu kugerageza gusenga ibigirwamana bitoya bikozwe mu mizi. Ni bangahe bamaze gusoma ivyandtswe na Hislop, *Babuloni Zibiri*, muri kahise? Neza cane. Biraboneka, muri kahise kenshi. Bari bafise umugore…Hanyuma ng'aho, mbega muribuka? Mbere na Yakobo yarivye imana za se, hanyuma umukobwa wiwe azinyegeza musi yiwe hanyuma babijana hiyo mu bugaragwa, ikintu cateye umuvumo ikambi munyuma.

46 Neza cane.

Reka kano kanya dusome mw'Itanguriro.

*Inzoka yarusha ubugunge ibikoko vyose vyo mw'ishamba Uhoraho Imana yaremye. Ibaza uwo mugore iti, Mbega ni ivy'ukuri koko yukw'Imana yavuze ngo Ntimurye ku giti na kimwe*

*co mw'iri tongo?*

*Umugore yishura inzoka at' Ivyama ku biti mw'iritongo twemererwa kubirya,*

*Arikw'ivyama ku giti kiri hagati mw'itongo, ni vy'Imana yatubujije, ngo ntitubiryeko, canke ngo tunabikoreko, kugira ngo twoye gupfa.*

*Iyo nzoka yishura uwo mugore iti, @@Habe n'intete ntimuzopfa.*

*Kukw'Imana izi yuko umunsi mwabiriyeko, amaso yanyu azokwihweza,*

(murabona, arondera umuco mushasha),

*mukamera nk'Imana ku vyo kumenya iciza n'ikibi.*

47 Murabona ukuntu aba bantu bameze uyu munsi, bagerageza gukurako kuri Bibiliya? "Erega, mbega ntivyoroshe gusukako, kumijagira, canke *uku*, canke *kuriya*" Oyaye mushingantahe. Imana yarashizeho integuro, kandi iyo ni yo twategerezwa gukurikiza, *Iyi*.

*Uwo mugore abo ico giti yukw' ar' ikibereye kuribwa, kandi ko gihimbaye mu jisho, ar' igiti co kwipfuzwa kumenya ubwenge, yamura ku vyo camye, arabirya, ahako n'umugabo wiwe bari kumwe, na we arabirya.*

*Amaso yabo bompi arihweza, bamenya yuko bagenda amenya, badandikanya ibibabi vy'umusukoni, babikoramw' uducocerwa.*

48 Hano nashaka kuhahagarara umunota umwe. Ubu rero, hano ni ho hategerezwa kuba intango y'ibintu vyose. Mwaragize intango. Ubu rero tura…Hano ni ho nshaka gushimikira ibintu vyose kano kanya, ivyo twavuze mw'ibi bikorane bibiri biheruka, hamwe na kino.

Noneho, mur'iki gitondo twasubiye inyuma turavyerekana nk'igikino, muri Bibiliya, yuko igihe Imana yarema isi, yuko igihe yarema imyuka; hanyuma imyuka igahinduka kalisiyumu, na potasiyuma, n'i—n'ibintu bitandukanye. Yariko irarema iyo mibiri yanyu. Yariko irashira inyubako ahabona, nk'umwubatsi akomeye, nk'umunyamitahe ashira ahabona ibikoresho vyiwe kugira ngo yubake umugambi w'amazu. Yariko irarema iyo mibiri yanyu, kandi Yari yawushize aho. Yari izi neza, mu vyiyumviro vyayo, ivyari bigiye gukoreka.

Uku kuboko, Imana yaremye ukuboko imbere yuko i…igihe yariko irarema isi; ariko, impwemu yanje yayiremye imbere yuko habaho isi. Noneho, ariko uku kuboko n'uyu mubiri, yabiremye igihe yarema isi, kubera ko uyu mubiri wavuye mw'ivu, kandi usubira mw'ivu. Imana ni yo yaremye ivyo. Yabishize vyose mu gicapo cayo habe no mu nteguro yayo.

Noneho, igihe Yagenda kurema isi, yaremye umuntu, kandi uwo muntu ntiyasa neza.

49 Noneho ivyo twabibonye muri iki gitondo, twakurikiranye ico gikino, ukuntu Da—Data yamanutse akitegereza umuhungu wiwe, aremwe mw'ishusho yiwe, n'ibindi. Hanyuma amuremera umugore, umufasha.

Noneho, mwibuke yuko ivyaremwe vyose vyo kw'isi, Adamu yari yavyise amazina.

Yaremye i—inka, ibikoko n'ibindi vyose. Hanyuma uyu munsi, tura…Abanyabwenge mu vya kahise hamwe n'ivyiyumviro bihambaye bitandukanye vy'ubushakashatsi, tumaze imyaka ibihumbi bitandatu tugerageza kuronka ka gace k'iryo sano kabura, igituma ico gikoko…Umuntu ni ubuzima bw'igikoko. Ivyo turabizi, ko twakozwe…

Kandi umugore ni igice c'umugabo gusa, ni ikintu cakuwe mu kindi. Umugore ntabwo yari mw'irema ryo ku nkomoko. Hari haheze imyaka n'iyindi Imana yarahagaritse kurema, gushika ikuye umugore mu rubavu rwo mu mbavu ziwe.

50 Adamu yari yaramaze kwita amazina ibiremwa vyose, n'ibindi vyose, ariko ntawe yari yaronse bakwiranye. Nuko imukorera umufasha; yakuye urubavu mu mbavu ziwe, aho irukuye ihomeka inyama, imukorera umufasha. Rero uwo muntu, mu mpwemu yiwe, yari umugabo n'umugore.

Gurtyo umugore ni igice c'umugabo gusa. Kandi iyo umugabo yabiriye umugore, kandi nimba ari umugore wiwe vy'ukuri, umugore yahawe n'Imana, azomubera igice ciwe gusa.

Iyo ni yo mpamvu mufise ibibazo vyinshi mu ngo. Ni kubera ko mugenda mukabona umukobwa kanaka w'amaso meza yijimye canke y'ubururu, canke ikindi kintu nk'ico, n'agasura keza, ugaca uja na rwo n'ŭyo. Ubwa mbere aronse umwana wiwe wa mbere, amenyo arasohoka, arahinduka akagira iminkanyari maze agasaza, hanyuma ugaca ushaka kumwirukana. Kandi bamwe muri mwebwe bagore muraba umuhungu muto afise imishatsi iryamye, isutsemwo hafi igice c'amavuta ya nyina wiwe, igoroye. Maze bose bagaca

baja na rwo n'ŭyo; ivyo ndabizi biciye ku vyo naciyemwo. Ariko haca habi iki? Ni iki? Muca muja na rwo n'ivyo.

Utegerezwa gusenga ubwa mbere, kubera ko umugore ari igice cawe. Kandi hamwe uhobereye umugore mu gikiriza cawe, ukamujana ngw'akubere umugore wawe, nawe…Agusigako ikimenyetso. Turabivuga gurtya ku buryo mubitahure. Kandi hagize uwundi mugore wese ahobera ico gikiriza ntazokwirwa mw'ico kimenyetso. Kandi Imana izobikubaza. Ivyo mwe muvyibuke gusa.

51 Wewe ujana umugore w'uwundi kandi…Uyu munsi numvise umukobwa muto hano mu gisagara, umukobwa muto. Ndamuzi. Hanyuma umwe mu bakina urusimbi amugurira impuzu nini nziza, n'ibindi, agerageza kumwifatira mw'ubwo buryo. Imbeba ni yo yokora ikintu nk'ico, ntashobora no gufatwa nk'umuntu.

Murabizi, imbwa ntabwo yononekaye cane nk'uko, yamara imbwa y'imvyeyi muyita "imbwakazi." Ifise indero nziza irenze iy' ica kabiri c'abagore b'i Jeffersonville bafise. Kandi mwita ingurube y'imvyeyi "ingurubekazi," kandi ntabwo ari…Ifise indero nziza kuruta abagore benshi bo muri Amerika. Ni vyo rwose.

Ubu rero, ndazi ko ivyo bikarishe. Nari nababwiye ko ngiye kubishirako akaburungu, rero ndashaka ko mubimenya. Kandi ukwo ni ukuri. Bose, abagore bo mur'iyi minsi, ntibazi n'ingeso nziza ico ari co. Akubwira ati: "Reka kungorera agatimanama." Yamara, nta n'ako ufise. Nubimenye. Ni vyo, mushingantahe. Aho ni ho umenya iciza n'ikibi.

52 Noneho nimurabe. Uyu muntu, igihe yaremwa, Imana yaratandukanije impwemu yiwe. Yafashe ikuramwo agace mw'uwo muntu, urubavu rwiwe, arukuramwo umugore. Hanyuma, Ifata impwemu y'umugore mu mugabo, Imukuramwo umugore. Hanyuma igira uwo umugabo uwufise ubugabo, uwugangutse.

Kandi iyo ubonye u—u—umugabo uwo gato…murabizi, yisiga amarangi, canke uko muvyita kwose, akisiga inzara; kandi, murabizi, zine ku ruhande rumwe na zitanu ku rundi, agakwegura imishatsi; akagumiza iminwa irangaye, n'ibindi bintu nk'ivyo; umwe muri aba bahungu beza. Wibuke gusa, mushiki wacu, hariho ikitagenda neza kur'iyo nyoni. Hariho ikitagenda neza. Vyokubera vyiza ubaye magabo kuri we.

53 Kandi iyo ubonye umugore afise itabi mu kanwa, yambaye isarubeti, akavuga ngo: "Ndakubwira, muntu we, ivyo ari vyo!" Mwene Data, ucungire hafi uwo mukobwa. Hariho ikitagenda neza kuri we.

Umugore, yar'akwiriye kuba umugore, kandi yategerezwa kwambara nk'umugore. Igihe Imana yarema umugabo, yamugize ikintu kimwe, umugore na we imugira ikindi kintu. Kandi igihe Imana yambika umugabo, yamwambitse mu buryo bumwe, hanyuma umugore imwambika ukundi. Kandi Bibiliya ivuga iti: "Ni igisesema ku mugore kwambara impuzu ijanye n'umugabo."

54 Namwe bagore mwambara ayo pantaro matoya ya kera n'ibindi, hanyuma mukayambara hano, zimwe ntoya za kera…Mbega muzita gute, knickerbockers? [Izigarukira hepfo y'amavi] Bakora iki…? Ȏo, vya bintu bagira vyitwa gute…? Oya, oya, ntabwo ari ibutura, ni iyindi, ifise amaguru maremare. [Umuntu umwe avuze ati: "Iyidashika hasi." —Umw.] Iyidashika hasi, amasarubeti, inkima.

Winjiye, baca bakubwira ngo: "Izi ni iz'abakenyezi."

Naciye ndamubwira nti: "Oya, urihenze. Nta bintu nk'ibi abakenyezi bambara. Kumbure abagore, ariko atari abakenyezi." Ni ukuri.

Bibiliya ivuga iti: "Ni igisesema ku mugore kwambara impuzu…no ku mugabo kwambara impuzu ujanye n'umugore."

Kandi abagabo bagenda barushiriza kuba utugoregore, buri munsi, abagore na bo bakarushiriza kuba utugabogabo. Hari ingorane nyabaki? Tugiye kubibona mu minota mikeya, hamwe na Bibiliya. Abagore ntibakiri abagore. Ntabwo nshaka kuvuga mwebwe Abakristokazi. Ndiko mvuga iyi mforo rusangi. Bashaka kwifata nk'abagabo; bashaka kumwa imishatsi nk'abagabo; bagashira ukuboko hejuru gurtya mu kirabo, hanyuma bakaririmba *Imana Hezagira Amerika*, hamwe n'itabi mu kanwa.

55 Manuka mw'ibarabara, ukate uce hariya gurtya, maze utumbere mw'ibarabara rikuru. Twaharuye… Ngomba ndababwire ikintu kimwe. Kandi mwebwe bagore b'abashoferi, mwumve. Jewe na Billy Paul, mur'ibi bikorane biheruka vyo hirya no hino mu gihugu, mu mezi atandatu, nakomeje guharura igitigiri c'amakosa mw'ibarabara. Kandi mu makosa amajana atatu, mw'ibaraba, mukeka ngo abashoferi b'abagore bari bangahe? Hari habuze gusa…Cumi n'icenda muri bo bari abagabo. Hanyuma amajana abiri na mirongo umunani canke, ndizera ko vyari ivyo, amajana abiri na mirongo umunani na n'umwe bari abashoferi b'abagore. Abashoferi b'abagore! Aha rero, simvuze ngo nta bashoferi beza b'abagore babaho. Ariko aca akatira aho ari ho hose.

Hanyuma ng'ugerageje gusa kumubwira ngo mupime? Apfe gusa kuba ari mwiza na gatoya,

arihagararira aho, ariko yisokoreza imishatsi, mu gihe umupolisi aba aje. Avca yivugira ati: "Erega ni wewe uri mu makosa!" Hmm! Nta mategeko dufise.

Barabigaragaje ejo bundi muri rwa rubanza rw'amatagisi mperukamwo. Nta mategeko dufise. Nimba hari…

56 Ntibitangaje kubona abatware bakomeye b'Ubwongereza baravuze bati: "Demokarasi yari ubwato bwose ariko butagira inanga." Ni vyo, uhagaze kw'ikarato y'isabune, unyurwisha abantu ngo bagutore. Demokarasi iraboze, kandi ni ko biri no ku batwaza umukazo n'abandi bose. Ibintu vyose biraboze. Nta gisigaye kiretse ikintu kimwe Imana isigaje gukora, ni kurandura ibintu vyose, nk'uko Yabivuze ko Izobikora, hanyuma Igatangura ukundi gushasha.

57 Noneho nimurabe ukuntu mwegereje kuri kwa Kuza.

Noneho igihe uyu mugore… Yamugize umufasha, kandi yategerezwa kumubera umufasha. Hanyuma rero…

Ubu rero hano, ibi ntabwo nigeze ndonka umuvugabutumwa avyemera. Kandi bagerageza kubikora mu bundi buryo, ariko yamara ntabwo vyumvikana kuri jewe. Bagerageza kuvuga ko Adamu na Eva bariye amapome kanaka. Mwene Data, nimba…Ibi sindabivuze kugira ngo ntebure, ariko nshaka kubivuga. Kubera ko, nimba kurya ipome bituma abagore bamenya ko bambaye ubusa, vyotubera vyiza twongeyе kugarukana ipome. Kandi ivyo murazi ko ari ukuri.

Murabizi, kurya ipome, ntabwo ari vyo bakoze, vyatumye bamenya ko bambaye ubusa. Mu vy'ukuri, ntivyari ivyo. Bitegerezwa kuba vyazananye mu mibonano mpuzabitsina. Bitegerezwa kuba ivyo, kubera ko baciye bamenya ko bambaye ubusa igihe barya kw'ico giti cari kibujijwe. Umugore si igiti c'ivyamwa? Nturi icamwa ca nyoko wawe? Ico ni co camwa cari kibujijwe kuryako.

58 Rero hano hari ikintu gikomeye. Ubu hafi y'ivyo ubushakashatsi bwigeze kumenya ko ikiremwa muntu cari…Bacukuye amagufa ya kera, bafata ibisigarira, bafata imitwe, bafata ubuhanga, amaboko, n'amagufa, bagerageza kubigira nk'aho ari ikiremwa-muntu. Kandi barazi ko ikintu ca hafi bigeze bashikira kubona ko cegereye umuntu, icegereye, ni imamfu. Ni co kiremwa cegereye cane ikiremwa-muntu; ariko yamara nta kintu na kimwe ihuriyeko n'ikiremwa-muntu, kiri hejuru.

Imero y'ubuzima buri hasi cane bubaho ni igikere; uburi hejuru cane ni ikiremwa-muntu. Imana yahereye hasi hanyuma igenda iduga, kugeza ishitse kw'ishusho yayo. Yaciye ku nyoni no ku bikoko, irabandanya, kugeza ishitse kw'ishusho y'Imana. Yaremye umuntu muri iyo shusho. Iyo ni yo mero iri hejuru. Imero iri hasi cane ni ikinyamurobo giheza kigahinduka igikere, n'ibindi.

59 Noneho, aka gace kabura, ntibashobora kukaronka. Nimurabe mu Vyanditswe. Mwebwe, ntimuriko muremeranya n'ibi, benshi muri mwebwe, ariko ngomba…Nshaka ko mubizirikanako. Kandi ntimubirwanye. Nimwumve.

Ndazi ko benshi muri mwebwe mwagiye mwumva Dr. DeHaan. Mu vy'ukuri…Umuntu w'igihagararo nk'iciwe, kandi Mwene Data mwiza w'Umubatiste, kandi ndamushima vy'ukuri. Afise ubwenge bwinshi kandi azi ibintu vyinshi, kandi—kandi yibagiye ibirenze ivyo nokwigera menya; kubera ari Umwigisha mu—mu vy'Ubumana, akaba n'umuganga mu vy'ubuvuzi, kandi ni Umwigisha mu vy'ubushakashatsi. Ni umuntu w'incabwenge. Ariko ariko avuga ko abo…Igihe abana b'Imana babona ko abakobwa b'abantu bari beza; yafashe uruhagararo rwa Josephus, avuga ngo "bi—binjiye mu mibiri y'abantu," hanyuma ngo bitoranirizamwo abagore. Maze mu gihugu c'i Nodi haba ibihangange. "Batoramwo abagore babana na bo, igihe abana b'Imana, Abamarayika baguye, bafata bakabona abakobwa b'abantu; hanyuma ngo ukwipfuza ivy'ibitsina biba ikintu gikomeye, yamara kandi ngo ivyo biremwa vyaguye vyaciye vyinjira mu mibiri y'abantu."

Hamwe bakoze ivyo, boca bonona ugukiza indwara kw'Imana, boca bonona ibindi vyose. Hamwe umurwanizi ashoboye kurema, yoba aringaniye n'Imana. Umurwanizi ntashobora kurema. Ndashaka ko munyereka ahantu na hamwe umurwanizi ashobora kurema. Ntashobora kurema. Yonona gusa ivyamaze kuremwa. Si umuremyi. Ni umwononyi gusa.

60 None, vyagenze gute? Nimurabe. Ng'uko uko jewe ndabibona. Ng'aka ka gace kabura.

Rero barafise imamfu, ariko ntushobora guhuza imamfu n'umugore hanyuma ngo havemwo umwana. Ntushobora guhuza ikiremwa-muntu hamwe n'igikoko na kimwe. Ntibizovangana. Ntushobora guterwa amaraso y'igikoko na kimwe.

61 Igihe nari muri Afrika, bafata abo bantu b'abirabure ba nyarucari hariya gutyo; umuntu umwe yambwiye ngo: "Nta kindi bari atari ibikoko."

Namubwiye nti: "Urantunga. Ni abantu nkawe, kumbure binarengeye gato." Reka ndababwire, iyo mugize inyifato mwen'iyo, muba mutanguye gusa n'ibikoko. Navuze nti: "Uwo muntu, n'ubwo yoba

yirabura tsiritsiri, canke akaba ari umuhondo nk'umwungu, canke nimba ari ubururu nka ya mababi asa n'ubururu, arashobora kurokora ubuzima bwawe mu kuguha amaraso. Ariko ntuzokwigera witeramwo amaraso y'igikoko." Mu vy'ukuri, ni umuntu.

62 Gusa kubera ko urukoba rumwe rwirabura, urundi rukaba rwijimye, urundi rukaba ari umuhondo, urundi rwera, ivyo ntaho bihuriye. Bibiliya yavuze iti: "Imana yaremye abantu bose mu maraso amwe." Kandi ni vyo rwose. Ahantu tuba ni ho hahindura amabara yacu, ntaho vyari bihuriye na vyo. Imana yaremye amahanga yose mu—mu muntu umwe, amaraso amwe, amahanga yose amwe.

Abashinwa; umugabo w'umwirabure ntashobora kuvuga ubu, umwirabura ntashobora kuvuga aha, ngo: "Uwo Mushinwa, we a—asa n'umuhondo, ntaco dusaniyeko." Ni mwene wanyu. Nawe muzungu ntushobora kubwira uwusa n'umuhondo canke umwirabure, canke uwundi umwe, ngo: "Ntaco dusaniyeko." Ni mwene wanyu. Ni vyo rwose.

63 Nimurabe, ng'ibi ivyabaye. Ndizera, kandi ndashobora kuvyemeza na Bibiliya, yuko inzoka ari yo yabikoze. Inzoka ni yo w'ûwo muntu abura hagati y'imamfu n'umuntu. Kubera, mwumve, ibi mubimenye kano kanya, yuko inzoka itǎhoze mu bikwega inda hasi. Yarusha *ubugunge* ibikoko vyose vyo mw'ishamba.

Aha rero, naragiye kurondera kazinduzi, uyu munsi, ahantu hose, kugira ngo ndabe iri jambo, ico ijambo *ubugunge* risobanura. Risobanura "kuba incabwenge, kugira amayeri," kandi, insobanuro nziza y'i—y'igiheburayo (kuva kuri m-a-h-a-h, mahah) bisobanura "kugira ubumenyi bw'ukuri ku bintu ngenderwako vy'ubuzima."

64 Noneho reka ibi tubisuzume umunota umwe gusa. Ni incabwenge, umunyamayeri, yamara yitwa "inzoka." Ariko mwibuke, yari ikintu giciye ubwenge cari gihari, kandi yasa cane n'umuntu kuruta ikindi kintu cose cari mw'ishamba; yari yegereye umuntu. Ntiyari igikwega inda hasi. Umuvumo ni wo wayigize igikwega inda hasi. Kandi yari…Bibiliya ivuga ko yari nziza cane muri vyose.

Kandi n'umuvumo ntiwayikuyeko ubwiza bwayo bwose; na none amabara meza y'inzoka ni ay'akaroruhore, n'ubwiyorobetsi bwayo n'amayeri yayo. Ndetse n'umuvumo ntiwigeze uyikurako ubwo bwiza. Ariko mwibuke, Imana yayibwiye ko amaguru yayo yovuyeko akamatana n'inda. Kandi ntushobora kuronka igufa na rimwe mu nzoka risa n'umuntu, kandi ni yo mpamvu ubushakashatsi vyabutaye kuw'amazi. Ariko ni yo.

65 Imana yabihishije amaso y'abanyabwenge n'abahinga, maze isezerana kubihishurira abana b'Imana, mu minsi y'iherezo, igihe abana b'Imana bogaragarijwe, igihe, "abana b'Imana bǎnēzērwa imbere y'ukuremwa kw'isi." Igihe impishuro ihambaye y'Ubumana n'ibindi vyohishuwe mu minsi y'iherezo, Yogaragaje ibi bintu biciye mu bana b'Imana. Murazi ko ivyo Ivyanditswe bivyigisha. None raba ni ho turi.

Ni co gituma Imana yatwugururiye ivyo bintu. Imana iriko irazana abana bayo ku kwigaragaza. Iriko irarengera ukwigana kw'ubwenge bwose bw'umuntu, hiyo mu mpishuro ya mpwemu, maze Ikabihishura.

Ntabwo twigeze twigisha muri iyi Bibiliya, ngo "Uwufise ubwenge"? Atari ivyo yize mw'iseminari kanaka; ariko ivyo yigiye ku mavi imbere y'Imana, n'îcó Imana yahimbariwe kumuha. Abana b'Imana bagaragajwe!

66 Ng'iyi inzoka, ng'uku uko inzoka yari imeze; Ngira ndabahe insiguro yanje kuri yo.

Turafise i… turamanuka, duhereye ku gikere, kur'ico kinyamurobo, tukamanuka, kur'*ibi* n'*ibi*, kugeza igihe amaherezo uza kugera ku nkende, ku mamfu. Hanyuma ku mamfu, aho tugaca dusimba tukava ku mamfu tugashika ku muntu, kandi turibaza impamvu.

Ubushakashatsi buvuga buti: "Noneho, hinge! Turashobora guhuza umugore n'inkende hamwe n'imamfu, hanyuma no ku rundi ruhande, umuntu agahuzwa n'imamfu." Ntakizovamwo. Bihuze n'ikindi gikoko cose; nta kizovamwo. Amaraso ntazovangana; fate amaraso yanyu, ni amaraso atandukanye cane rwose.

Hariho amaraso kanaka ari aho hagati, kandi ntibashobora kubona ico gikoko. Ôo, Haleluya, ubu numva mbaye muri mpwemu rwose aka kanya.

67 Nimurabe. Kubera iki? Imana yarabibanyegeje. Nta gufa riri mu nzoka risa n'amagufa y'umuntu. Ico kintu Yagishize kure cane ku buryo kidashobora kugundurwa n'abanyabwenge.

Kandi ngiye kubereka aho uwo muntu w'incabwenge aturuka, aho—aho ari, uko biri kwose. Murabona, ntashobora kubishikako aciye muri ivyo.

Bitegerezwa kuza biciye mu mpishuro, "Uri Kristo, Umwana w'I…" "Kur'urwo rutare nzokwubakako Ishengero ryanje; kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora," impishuro yo mu buryo bwa mpwemu. Ni gute—ni gute Abeli yamenye ko yar'akwiye gutanga umwagazi w'intama, aho kuba nka Kayini yatanze

ivyamwa vyo mu ndimiro? Yabihishuriwe mu buryo bwa mpwemu. Ntubironka biciye mw'iseminari. Ntubironka biciye mu madini. Ubironka bivuye mw'Ijuru.

68 Noneho nimurabe inzoka, iyi nzoka yari iya mbere. Reka dushushanye ishusho yayo kano kanya. Ni umuntu munini akomeye. Iri hagati y'imamfu n'umuntu. Kandi, inzoka; umurwanizi, Lusiferi, yari azi ko ayo yari yo maraso yonyene yari gushobora kuvangana n'aya maraso y'umuntu, umuntu wenyene yari ashobora gukorana na we. Ntiyari gushobora gukorana n'imamfu, ayo maraso ntiyari kuvangana. Ntiyari gushobora gukorana n'ibintu bitandukanye. Ntiyari gushobora gukorana n'intama. Ntiyari gushobora gukorana n'ifarasi. Ntiyari gushobora gukorana n'igikoko ico ari co cose; yategerezwa gukorana n'iyi nzoka.

Reka tuyifate noneho turabe ukuntu yasa. Ni umuntu munini akomeye, igihangange cabanjirije muri kahise. Aho ni ho batoye ayo magufa manini, kandi ibi ndabibereka muri Bibiliya. Noneho mwitegereze n'ubwitonzi ntangere. Neza cane. Uyu muntu munini akomeye, reka tuvuge ko yari—yari afise uburebure bw'imetero zitatu, ibitugu binini bikomeye; yasa nk'umuntu. Amaraso yayo, amaze kumanuka, yahuye n'igikoko kimwe be n'ikindi...

69 Urashobora guhuza ibikoko; kandi hakomeje kuboneka amaraso ari hejuru, ubuzima bwo hejuru, ubuzima bwo hejuru, kugeza aho ushika ku rugero rw'umuntu. Ariko ihuriro rya nyuma hano, hagati ya hano, ryaraciwe. Ni bangahe bazi ko ubushakashatsi budashobora kuronka ako gace kabura? Mwese murabizi. Kubera iki? Aha hari inzoka. Yari hano, umuntu munini akomeye.

Hanyuma umurwanizi aramanuka, na none, aravuga ati: "Ndashobora kuyihumekera."

Rero iyo utanguye kuraba abagore, no kugira imimenyerano n'abagore, wibuke, usīzwe amavuta n'umurwanizi (kandi ntabwo ari umugore wawe).

Nimurabe kano kanya, umurwanizi yaramanutse yinjira mu nzoka. Ica iza kuri Eva mw'itongo rya Edeni, yambaye ubusa, maze avuga ku bijanye n'icamwa kiri hagati. Hagati bisobanura "ikiri *hagati*," n'ibindi; murabitahura, turi mw'ikoraniro ririmwo abato n'abakuzi. Rero iravuga ati: "Emwe, ni ciza. Kirabereye ijisho."

70 Yakoze iki? Yaciye itangura gukundana na Eva, munyuma imenyana na we mu buryo bw'umubiri, nk'umugabo.

Abonye ko ari vyiza, nukw' aragenda abibwira umugabo wiwe, ariko yari yamaze guterwa inda na Satani. Maze avyara umuhungu wiwe wa mbere, yitwa Kayini, mwene Satani.

Ah' uhava uvuga uti: "Eka, ivyo si vyo."

Nta kibazo, turaza kumenya gusa nimba ari vyo canke atari vyo.

*Kandi nzoshira inyankane hagati y'Uruvyaro rwawe n'uruvyaro rw'inzoka.*

Ni iki? Uruvyaro rw'inzoka! Yariafise Uruvyaro, kandi na yo nyene yari ifise uruvyaro.

*Kandi Ruzogufyonyora umutwe, nawe uzorukomeretsa ku gitsintsiri.*

Kandi gufyonyora, ng'aho, bisobanura "kugira Impongano." Noneho rero ng'urwo "uruvyaro" rwanyu rw'inzoka.

Noneho nimurabe, hano haje aba bantu babiri.

Rero, iyi nzoka, igihe yari ihagaze aho, kiriya gihangange kinini c'umuntu gihagurutse aho, yari yagiriwe n'icaha co gusambana n'umugore wa Adamu. Uyu munsi icaha kiri he? Ni igiki gituma ibintu bimeze uko bimeze uyu munsi? Noneho, je—je…Mu vy'ukuri murashobora gutahura ivyo ndiko ndavuga.

71 Rero vyari ivyo.

Kandi amaze kubikora, Imana yaravuze, yaciye ibanza ihamagara Eva na Adamu.

Nawe ati: "Ndi gusa."

Na Yo iramubaza ati: "Ni nde yakubwiye ko uri gusa?"

Hanyuma batangura, nka bimwe vy'abasoda, batangura gutanako amakosa. Avuga ati: "Emwe, wa mugore Wampa, ni we yabigize. Ni we yanyurwishije."

Uwo mugore na we ati: "Inzoka ni yo yampaye ipome"? Yewe, muvugabutumwa, niwisubireko.

Yavuze ati:"Inzoka ni yo yanyoheje." Mbe murazi ico kwosha bisobanura? Bisobanura "kwanduza." I… Umugore…sa-…umurwanizi ntabwo yigeze amuha ipome. "Inzoka ni yo yanyoheje."

Hanyuma umuvumo ub' urashitse.

72 Iramubwira Iti: "Kubera ko wumvirije inzoka mu gishingo c'umugabo wawe, wakuye Ubuzima kw'isi. Kandi uzo—uzogwiza imibabaro yawe; kandi ivyiyumviro vyawe bizoba ku mugabo wawe," n'ibindi.

"Hanyuma nawe kubera ko wateze amatwi umugore wawe, mu gishingo canje (Jewe nagukuye mu mukungugu; ubwoko buri hejuru), uzosubira muri wo."

"Maze nawe wa nzoka we, kubera ko wakoze ivyo, ntuzongera kugira amaguru. Uzohora ugenda ukwega inda hasi, iminsi yose y'ubuzima bwawe. Kandi uzokwankwa. Kandi umukungugu ni wo uzoba ivyo kurya." Ng'ivyo rero. Hariho ako gace kabura.

73 Noneho haca haza Kayini. Reka turabe izo kamere. Ng'aho haca haza Kayini. Ni iki? Ni umugwizatunga w'incabwenge. Arima mu ndimiro. Umunyabwenge, incabwenge; umunyedini, umunyedini cane; nimu—nimurabe ibimuranga kano kanya. Nimujane nanje mu minota mikeya gusa.

Ng'uyo araje. Arazi ko afise imico rusangi. Ashaka kuja kw'ishengero. Aca yiyubakira urusengero, azana amashikanwa. Yarazanye igicaniro, n'ibindi vyose. Yarubatse igicaniro, agishariza amashurwe. Ashira indimiro…ivyeze vyo mu ndimiro, abishikanira Imana. Yavuze ati: "Ng'ivyo, Mwami. Ndazi ko twariye ipome, ni co cabiteye." Bamwe mu bana biwe bafise iciyumviro nk'ico nyene. Vyerekana iyo vyazananye. Yazanye amapome yiwe yo mu ndimiro, ayashira aho, ati:"Ibi bizogira impongano."

Imana iravuga iti: "Ntabwo yari ipome."

Ariko biciye ku mpishuro yo buryo bwa mpwemu, Abeli yaramenye ko yari amaraso. Nuko azana umwagazi w'intama, awuca izosi, urapfa.

Nukw'Imana iravuga iti: "Ni vyo. Ico ni co cabiteye. Yari amaraso." Murazi amaraso ndiko ndavuga. Neza cane. "Amaraso ni yo yabikoze."

Noneho nimurabe.

74 Hanyuma, Kayini abonye ko murumuna we w'umweranda yikumbagaza amaze kwemerwa imbere y'Imana, kandi ko ibimenyetso n'utwumiza vyariko birabera hiy'epfo, amugirira ishari. Aca avuga ati: "Ibi bintu turabihagarika ubu nyene." Nimwitegereze barumuna we, nimwihweze abana biwe, uyu munsi. N'ishavu n'akantu, avuga ati: "Jewe ndi incabwenge kumurusha." Ishavu ryaturutse hehe? Woshobora kuvuga ko ishavu…? Yaciye agandagura murumuna we. Yari umwicanyi.

Imana mwoshobora kuyita umwicanyi? Kandi Adamu yari umwana w'Imana. Bibiliya ivuga ngo: "Adamu yari umwana w'Imana," ya ntango itunganye ya hariya kera. Adamu yari umwana w'Imana. Kandi iryo shari n'inzigo, n'ibindi vyose, ntivyari bishoboye kuzanana mw'uwo mugende utunganye.

Vyategerezwa kuza bizananye ahandi. [Agace katavuga kuri bănde—Umw.] Kandi vyazananye kuri Satani, ni we yari umwicanyi, kuva mbere na mbere. Bibiliya ivuga iti: "Yari umunyabinyoma n'umwicanyi, uhereye mbere na mbere." None ng'ivyo. Aca yica murumuna we.

Kandi ico cari ikigereranyo c'urupfu rwa Kristo. Hanyuma, inyuma y'aho, ata nkeka Yaciye Ihagurutsa Seti kugira ngo aje mu gishingo ciwe. Urupfu, guhambwa, n'ukuzuka vya Kristo.

75 Kandi nimurabe rero, aho ni ho haca haza ivyo bihangange vyanyu. Kayini yaciye aja mu gihugu c'i Nodi. Nimba se wiwe yari umuntu munini w'igihangange, Kayini yobaye asa na nde? Na se wiwe. Nuko aja mu gihugu c'i Nodi, atwara umwe muri bashiki we.

Nta kundi yari kubigenza. Nta handi abagore bari gushobora kuzanana, kiretse biciye kuri Eva gusa. Bavuga ko bari bafise abahungu n'abakobwa mirong' irindwi. Nimba—nimba ata bagore…Bibiliya ntiyandika iyo havutse igitsina-gore, ivuga abagabo gusa. Kandi aho, nimba ata bandi bagore bari bahari kiretse Eva, igihe yapfa, ubwoko-muntu bwociye buhagarika kubaho. Yategerezwa kugira abakobwa. Yategerezwa kurongora mushiki we.

Yaciye agenda mu gihugu c'i Nodi maze aronka—maze azana umugore wiwe. Amaze kumurongora aho, ni ho babona vya bihangange bikomeye, hamwe abana b'Imana bagwa; bamwe bava kuri se wabo, umurwanizi, biciye kuri Kayini. Ng'ako ka gace kanyu kabura.

76 Rero nimwihweze urwo ruvyaro rw'inzoka. Kano kanya nimwitegereze. Mwibuke, uruvyaro rw'inzoka ni urunyedini. Nimurabe rutanguye kuza kano kanya, mu minota mikeya. Ng'urwo ruraje, uruvyaro rw'inzoka. Băshikiwe n'ibiki? Noneho reka nsome ikintu hano, nabaye bucanditse gusa kw'uyu muhingamo.

Ni ibiki vyazananye mu ruhande rwa Abeli? Ibi nimuvyumve. Neza cane. Haza Abeli. Inyuma ya Abeli hakurikira Seti. Inyuma ya Seti haza Nowa. Inyuma ya Nowa hakurikira Shemu. Inyuma ya Shemu haza Aburahamu. Inyuma ya Aburahamu haza Isaka. Inyuma ya Isaka haza Yakobo. Inyuma ya Yakobo haza Yuda. Inyuma ya Yuda haza Dawidi. Inyuma ya Dawidi haza Kristo, kwa gutungana.

77 Nimusubize amaso inyuma murabe ingene Mpwemu w'Imana yaba muri Abeli. Nimurabe ingene Yaba muri Seti. Nimurabe ingene Yaba muri Yuda. Nimurabe ingene Yaba muri Dawidi. Nimurabe Uwo Mpwemu nyene ariko ahamagarira abantu gusohoka, biciye mur'uwo ruvyaro rw'abagororotsi ukw'ibihe vyagiye bikurikirana. Ivyo boba barakoze vyose, bari baragenewe ishikiro kuva kera.

Nimurabe Yakobo, umwanda…Simvuze ibi mu kurogota. Ariko Yakobo, umunyaruyeri muto, yaguma i ruhande ya nyina umwanya wose; aguma azunguruka, umuhungu ameze nk'abakobwa. Yariyambitse ibintu, aca aragenda ahenda se, kugira ngo aronke umugisha; ariko yari yawuhawe imbere y'ukuremwa kw'isi. Ni ukuri.

Yaragiye ahenda sebukwe; hanyuma agenda afata ibiti bifise ibibárābára, ibiti vy'imiroha, abishira mu mazi, kugira ngo akange nya nka igihe zari zifise amezi; kugira ngo zivyari inka z'ibibarabara, kugira ngo abashe kubesha no kuronka izo nka. Imana yaramuhereye umugisha muri ivyo. Ni ukuri.

Hagowe umuntu wese atunga urutoki Yakobo.

78 Murazi ivyo—murazi ivyo wa muvugishwa w'ikinyoma yavuze…Nako, yariko avugishwa vyo. Balamu, yavuze ati: "Umuzomuhezagire wese azoba ahezagirwa, kandi uwuzomuvuma wese azoba avumwa."

"Naragutoye, Yakobo. Namusanze ameze…nk'uwuri mu gihugu ari ingenzi. Nk'uko inkona ikangura icari cayo, naramukanguye ndamusohora." Haleluya! "Si kubw'inkomezi, si kubw'ubushobozi, ariko ni kubwa Mpwemu wanje, nk'Uhoraho agize."

Nimurabe ibizanana mur'ukwo gutungana. Uwo Mpwemu yarakoze mu buryo butunganye gushika muri Kristo, kuva kur' umwe wese muri basekuruza, bibandanya biza. Ivyo bakoze vyose, ivyo bavuze, ivyo bakoze, bari rwa ruvyaro rw'abagororotsi mu buryo ntabanduka.

79 Kandi hano, igihe umugororotsi Aburahamu…Ubwiza! Ôo, numva mbaye muri mpwemu rwose. Igihe umugororotse Aburahamu yahura na Melekisedeki, na We akaba yari Imana ubwayo!

Melekisedeki yari Umuntu ki? "Umwami w'i Salemu, akaba ari Umwami w'i Yerusalemu, Umwami w'amahoro. Nta se Yari afise. Nta nyina Yari afise. Ntiyigeze agira itanguriro ry'iminsi, canke iherezo ry'ubugingo." Uwahozeho, Aracariho." Ntiyigeze avuka. Ntazigera apfa. Ntiyigeze agira se canke nyina. Ntiyigeze agira itanguriro ry'iminsi, canke iherezo ry'ubugingo. Mbwira uwo yari We. Ya Mana Ihoraho; iyo muri Yo tuvuga…

Ôo, ndibagiye gusa uko ivyo muvyita ubu. Tewofaniya, ni ivyo. Ni nko mu…Ntabwo ari umugani; ariko yamara ni ikintu cabaye bugaragare gusa. Nka kumwe Yaza kwa Aburahamu mw'ihema hamwe ruguru, Imeze nk'Umumarayika, maze Iravugishwa, Ivuga ko Sara yamwenyuye, inyuma yayo, n'ibindi. Ico kintu, ca kintu nyene.

Rero Yari hano. Yahuye na Melekisedeki. Kandi sogokuruza—sogokuruza Aburahamu, mu ruvyaro rw'abagororotsi, yararishe ikigiracumi Melekisedeki; kandi vyaraharuwe ku mwuzukuruza wiwe munyuma, uruvyaro rw'abagororotsi.

80 Noneho hano haje uruvyaro rw'i—rw'inzoka. Rero mwibuke, hazobaho inyankane, intambara hagati yabo.

Uruvyaro rw'inzoka ruraza, none rwamukamw'iki? Kano kanya reka dufate imyaka mikeya ya mbere. Ubu rero murabe ibibera aho. Duca tubisoma, kubera ko nabiravye. Urubuto rw'inzoka rwavuyemwo Kayini. Kayini yaciye agenda mu gihugu c'i Nodi, avyara ibigatanya, hanyuma bagera mu gihugu ca Nowa.

Bari incabwenge, bize, baciye ubwenge. Mbega ukwo ni ukuri? Bari abubatsi, abagunduzi, abashakashatsi; atari muri rwa ruvyaro rw'abagororotsi, ariko muri ya mbuto ya Satani, inzoka. Bari abantu nk'a—nk'abashakashatsi, n'abubatsi, n'abantu bahambaye, abigisha. Ivyanditswe birabivuga. Băracúra imiringa. Baracura ivyuma. Bărahîngūra ivyuma. Baravumbura ibintu. Bărahîngūye ivyuma bitandukanye, bubaka amazu, n'ibindi. Ni ko Ivyanditswe bivuga. Kandi bari abacokoranyi ku ruvyaro rw'umugore, Nowa, umugororotsi. Mbega ukwo ni ukuri?

81 Hinge tubakurikirane gato. Hanyuma, turabakurikira gushika kuri bwa bwato, hamwe ibintu vyose vyakomvomvorwa. Ibintu bishika mw'iteraniro rir'aho ry'icaha, baca bafata inganji, kandi bari abanyabwenge, baciye ubwenge. Gushik'aho Imana yitegereza kw'isi, ntihari hasigaye benshi cane, nuko ifata Nowa n'umuryango wiwe Ibinjiza mu bwato, maze imvura iragwa, ikomvomvora vyose. Henoki yari yamujanye imbere y'aho. Mbega ukwo ni ukuri? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Hărihó imbuto zose, hafi imbuto zose; ariko Yo ico Igabiye gitegerezwa gushika.

82 Rero, Nowa n'abahungu biwe barasohoka, Hamu, Shemu na Yafeti, bava mu ruhande rw'abagororotsi.

None ni gute rwa rubuto rundi rwajabutse? Urwo rubuto rwinjiye mu bwato, nka kumwe vyagenda mu ntango, biciye ku mugore, abagore babo. Bagiye batwaye urubuto rwa Satani mu bwato, nka kumwe Eva

yatwara urubuto rwa Satani, maze avyara Kayini, biciye ku mugore.

Mushira abo bagore ku bicaniro vyanyu ngo n'abavugabutumwa, Bibiliya iravyiyamiriza! Paulo yavuze ati: "Nimba hari uwibaza ko ari umuvugishwa, canke uwa mpwemu, namenye yuko ibi mbandikiye ari ivyagezwe vy'Umwami; ariko nimba har'uwutabimenye, ntakabimenye."

83 Ico ni co canteye gusohotse mw'ishengero ry'Ababatiste hano hepfo. Mwene Data Fleeman yari hano hashize igihe; nibaza yuko ari ho yari hamwe Dogiteri Davis yavuga ngo: "Hagarara hano maze urambike ibiganza kw'aba bagore kugira ngo babe abavugabutumwa."

Namubwiye nti: "Ntavyo nkora. Habe n'intete."

Nawe ati: "Aho rero, ndakwirukanye."

Ndavuga nti: "Bimbereye vyiza kwirukanwa." Naravuze nti: "Iri ni Ijambo ry'Imana, kandi ririyamiriza ico kintu. Rero sinshobora kwihanganira ivyo Imana yiyamiriza." Oya, mushingantahe.

N'uwubikora wese, aba yerekana ko ari umwigisha w'ibinyoma, abavugishwa b'ibinyoma. Bibiliya yavuze ko bobayeho. "Bazimize n'abatoranijwe iyaba bishoboka." Ng'ivyo rero.

84 Nimwitegereze ibi kano kanya. Kuva aho rero, haza Hamu, Hamu hamwe n'umugore wiwe, hamwe na bo. Yari afise umuvumo kuri we. Kuri Hamu haza Nimurodi, umwe yubaka Babuloni. Muri Babuloni havuyemwo ishengero Katolika, intango yayo. Birabandanya biciye kuri Ahabu. Birandanya biva kuri Ahabu, vyimukira muri Yuda Isikariyoti; birangiriza kuri anti-Kristo.

Kandi mur'iyi minsi ya nyuma, ng'iyi impwemu ya anti-Kristo na Mpwemu wa Kristo. Impwemu ya anti-Kristo, ivuga ngo: "Iminsi y'ibitangaza yararenganye." Mpwemu wa Kristo, na We avuga ati: "Ni Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose." Impwemu ya anti-Kristo ivuga ngo: "Ntaco bitwaye uramutse ubatijwe muri 'Data, Mwana, Mpwemu Yera,' bagusukako amazi, bakumijagiye, ivyo ari vyo vyose, bisobanura vya bindi nyene." Bibiliya ivuga ko Imana itananirwa, kandi ntishobora guhinduka. Ni nde mugiye gukorera? Ni ahanyu.

85 Noneho uravuga uti: "Barashobora kuba bari hamwe? Wavuze ko muri ubwo bwato, Mwene Data Branham, harimwo Hamu na Seti." Ni vyo, ni vyo rwose. Hamu yari mubi. Seti yari umusenzi kandi agororotse. Neza cane.

Reka dukurikire Hamu. Neza cane, kano kanya, hariha Hamu na Seti mu bwato bumwe; umwe ni umugororotsi, uwundi ni umunyabigabitanyo. Hărihó igikona n'inuma mu bwato bumwe. Hărihó Yuda na Yesu mw'ishengero rimwe. Hărihó anti-Kristo na Mpwemu Yera mw'ishengero rimwe.

Kandi uyu munsi, izo mpwemu nyene zirakora. "Bafise ishusho yo kwubaha Imana, abanyedini cane, ariko bafise ishusho yo kwubaha Imana gusa bagahakana Ubushobozi bwakwo; abameze bartyo ubatere ibitugu."

86 Mpwemu Yera avuga ati: "Yesu Kristo ni Wa Wundi nyene ejo, uyu munsi n'ibihe vyose." Uzohitamwo kuja ku ruhe ruhande?

Anti-Kristo avuga ko Iki ari Igitabu gisanzwe ca nemera gusa. "Turasubiramwo Nemera y'Intumwa." Ndahinyuje hagire umuvugabutumwa n'umwe ambwira aho Nemera y'Intumwa isangwa muri Bibiliya: "Ndemera Imana Data Rugira vyose, Umuremyi w'ijuru n'isi; Yezu Kristu, Umwana wayo. Nemera Ekleziya Gatolika Ntagatifu y''i Roma, gusangira n'abatagatifu." Ivyo mubisangahe muri Bibiliya? Kandi mukanabisubiramwo mu mashengero yanyu manini y'Abametodiste n'Ababatiste. Ni inyigisho y'umurwanizi, kandi abavugishwa b'ibinyoma bariko barayigisha.

87 Kandi ndibaza ko ntakomerekeje inyiyumvo zanyu, ariko ndiko ndabihambira kuri iri hema. Wewe hano Hema rya Branham, wirinde mwen'ivyo bintu. Umuntu wese yizera ivyo gusangira n'abatagatifu ni ukwambaza imizimu. "Hari umuhuza umwe hagati y'Imana n'abantu, kandi uwo ni wa Muntu Yesu Kristo." [Mwene Data Branham akubise ku gicaniro incuro zine—Umw.] Sinitayeho ngo hariho ba Mariya bangahe!

Murabona ingene urwo ruvyaro rw'umugore rwakoze hariya? Murabona ingene urwo ruvyaro rw'umugore rwajabutse hariya?

Nimurabe uyu munsi, muri Amerika. Amerika ni icicaro c'umurwanizi. Ni iki? Ni igihugu c'umugore. Muramaze kwumva ngo: "Iyi ni isi y'abagore." Ni vyo. Ni igihugu c'umugore. Ni bo bashiraho icitegererezo.

88 Naragiye hano, vuba aha, mu Busuwisi. Abagore bavuga…Umugore umwe yuzuye Mpwemu Yera yambwiye ati: "Urazi, iyo ngiye muri Amerika, bavuga ko abagore bafise ubwisanzure."

Ndamubwira nti: "Reka nkubwire aho ivyo biriko biragana." Nca ntangura kumusigurira.

Yavuze ati: "Ôo, Mukama w'ikigongwe, nta kintu na kimwe co mw'ivyo nshaka."

Ndamubwiranti: "Aho ni ho biriko biragana."

Murazi, hariya ntabwo bakora ibintu nk'uko babikora hano.

Ni iki?

89 Reka ndabereke yuko Amerika ari umugore. Ku giceri cacu hari ishusho y'umugore. Ibintu vyose hano ni umugore.

Nimumbwire, nta bubare buhagije buri mw'iki gihugu ku buryo wogira…Urashira ububare mirongo ine mw'iki gisagara, hanyuma uce uzana n'abamaraya batatu, abagore basa neza bagenda barazunza ibisusu bariko bararengana mu mabarabara; bazojana abantu benshi i kuzimu, abazobipfuza, kuruta ububare bwose woshobora gushira mu gisagara. Ni vyo rwose.

None uwo ni nde? Ni umugore. Ni iki? Ni imana ya Amerika.

90 Fata bamwe muri aba bakinyi b'amareresi ba kera; barahaguruka hano bakarongora incuro zine canke zitanu, bakabana n'abagabo batatu canke bane batandukanye icarimwe; hamwe na bimwe mur'ibi binyamakuru bibashira ahagaragara bibavuga, bigafata amashusho yabo ng'aho bari amenya. Kandi namwe bakobwa bato mufata ivyo nk'akarorero kanyu, (kubera iki?) kubera kumbure ba nyina banyu babayeho imbere yanyu, ba nyogokuru b'imbere yanyu. Murabona aho urwo ruvyaro rw'inzoka rukorera? Ata nkeka, ni ivyo.

None ni igiki cabikoze? Nimba ikigabitanyo giharurwa gushika ku runganwe rwa cumi na kane, mu gihe c'ivyagezwe, ikigabitanyo bizokigendera gute nicaharurwa uyu munsi, aho uruvyaro rw'abagororotsi ruri hafi guherengetera? Kandi Imana yavuze ko hogeze igihe, iyo Itaza guhimbura igikorwa Ikakigira kigufi, nta n'umwe yosigaye. Turi mu gihe c'iherezo.

91 Rondera abagororotsi uyu mugoroba; nyuragira mu bisagara!

Ôo, usanga abayoboke b'ishengero ari abizigirwa koko, bâba Ababatiste canke Abaperesipiteriyano, n'ibindi, uko bashoboye. Ariko nta na kimwe kimwe basaniyeko n'Imana nka kurya urukwavu rutarinda kwambara ibirato vya shelegi. Nta na kimwe babiziko! Ivyo bazi gusa ni: "Uri Umukristo?"

"Ndi Umukatolika."

"Uri Umukristo?"

"Ndi Umubatiste."

"Uri Umukristo?"

"Ndi Umuperesipiteriyano."

"Uri Umukristo?"

"Ndi Umupentekote." Ivyo nta na kimwe bisaniyeko.

Uba Umukristo kuko iyo Mana, kubw'ubuntu bwayo, Ikurokora. Kandi uba ufise ico ubiziko. Kandi hari ikintu kiba carahinduye ubuzima bwawe, ku buryo ubaho ukundi. Kandi ub'uri umuntu mushasha n'icaremwe muri Kristo Yesu.

92 Koko. Ariko murabona aho uruvyaro rw'inzoka ruri? Uruvyaro rw'inzoka rwabaye uruhe? Ubusambanyi. Muriko murakurikira? Ubusambanyi na Eva. Vyagenze gute? Ni igiki cazanye ivyo? Ni iki uyu munsi?

Subiza amaso inyuma hiyo, mu myaka mikeya ishize, igihe indirimbo ya mbere yasohoka. Mwebwe bantu bakuze, igihe i…Bahora basuzuma indirimbo imbere yuko bayireka ngo ivuzwe ku nsamirizi. Kandi iya mbere yasohotse, yari, "Nimuziduze, yemwe bigeme, nimuziduze, mwerekana amaguru yanyu meza," n'ibindi vyose. "Twenga papa na mama, bose mubabwire muti 'ha-ha-ha!'" Ng'iyo iya mbere baretse irarengana mu ruyeri. Mwibaza ko uyo umusore ari he uyu mugoroba, uwo yanditse iyo ndirimbo? Yarapfuye.

Mwibaza iki kuri Clara Bow, umwe yaza ubwa mbere akavuga kwa *Kuzizinga guteye ubwoba*, na kwa *kuzikura* kwajanye abantu ibihumbi n'ibihumbi i kuzimu? Mwibaza yuko uwo mukobwa ari hehe uyu mugoroba? Haheze igihe kitari gito yarapfuye. Ari hehe, hamwe n'uwo mubiri wiwe? Aryamye harya hakurya, yaraboreye mw'ivu, inyo n'ibinyogomba vyarawuriye. Kandi umushaha wiwe uri hiyo imbere y'Imana igororotse.

93 Ari hehe wa mugabo yafata wa mugore akamukorera za mpuzu za kera zisa n'izanduye bambara, zimwe zibafata hose, zitabakwiye? Yavuze ati: "Kubera iki bakor'ivyo? Mwambara ibintu mwen'ivyo kugira ngo mushike kuki?" Ni kubera ushaka yuko abagabo bakuraba, kandi nta bundi buryo bwo kubigaragaza. [Mwene Data Branham akubise ku gicaniro kenshi—Umw.]

None urazi iyo ukoze ivyo, hanyuma umunyavyyaha kanaka akakuraba, mbe urazi ibica biba? Imbere ya rwa Rubanza…Uragira uti: "Mwene Data Branham, ndi umwizerwa ku mugabo wanje ukwo bishoboka." Uzokwagirwa n'icaha co gusambana. Yesu yavuze ati: "Umuntu wese yitegereza umugore kugira ngo amwifuze aba asambanye na we mu mutima." Igihe uwo mugabo azobwirizwa kubazwa ubwo busambanyi, ni nde azoba ari uwa mbere yabiteye? Ukuntu wagiye kwambara hanyuma ukaja ahabona.

Aha rero, sinshaka kuvuga ko utegerezwa kwambara nk'ikindi kintu kanaka co mw'isandugu ya kera. Ariko, urashobora kuboneka nk'umukenyezi.

94 None murasohoka mugakura impuzu, amabutura yanyu magufi, hanyuma mugaca mwihambirako akantu gato kazungurutse gurtya, n'umwana wawe n'amaso nk'isahani y'itabi, ufise itabi mu kanwa, uriko ugenda mw'ibarabara. Ivyo nta ntego nziza n'imwe ubikorana. Urashobora kuba umwere mu vy'ukuri, ariko umurwanizi ariko agukoresha nk'igikoresho nk'uko yagenje Eva.

Kuki ari igihugu c'umugore? Kubera ko biganisha neza ku nganji ya Katolika. Ni iki uyu munsi? Ntushobora kubumva bavuga Yesu. "Mwaramutse Mariya! Mariya, nyina w'Imana! Mutagatifu Sisiliya!" Ubwoko bwose bw'abatagatifu, abera bapfuye. Hano ntabwo hashize igihe kinini, hepfo muri…

95 Nari hiy'epfo muri Mexico, mu mwaka uheze. Haca haza umugore w'umworo, yandara. Amavi yiwe, nyene ariko yandara nk'uku, bukebuke; arira, yifashe gurtya. Se yari kumwe, afise abana babiri bato, bariko bararira; nyina arwaye; kubera umugore kanaka, uwo bita umutagatifu, yari yarapfuye. Bari bafise igishusho ciwe hejuru ku musozi. Umugabo wiwe yari yaramwishe. Rero ngo igihe cose yishwe gurtya, koko aba ari umutagatifu; yari Umukatolika. Rero yari agiye kwirega; none yategerezwa kwandara ibilometero birenga bine, ku mabuye, kugira ngo yirege.

Mwene Data, nimba hari ikintu na kimwe ntegerezwa gukora, Yesu Kristo yapfiriye ubusa. Ubuntu ni bwo bwankijije; kandi si ku—kubwanje, ariko ni kubw'ubugombe bw'Imana, no kubwo kugira neza kw'Imana.

96 Ba banyamakuru barambajije, bati: "Nyakwubahwa Branham…" Wa—wa mwana, umwe yari yapfuye hanyuma akazuka, n'ibindi ng'aho. Ibihumbi mirongo itatu vy'Abakatolika…Oya, murantunga. Vyari ibihumbi mirongo ibiri. Ibihumbi mirongo itatu hari muri Afrika. Abakatolika ibihumbi mirongo ibiri bakiriye Kristo nk'Umukiza wabo, icarimwe, igihe ivyo vyaba, ndi mu gisagara ca Mexico. Kandi abo bapatiri, ntaco baribashoboye kuvuga; benshi cane, bari gutanguza uruhagarara. Yari afise benshi bari ku ruhande rwiwe. Rero aca avuga ati: "Nyakwubahwa Branham, uremera ko abatagatifu bacu bashobora gukora ibintu nk'ivyo ukora?"

Kubera nari nzi inyigisho zabo, naravuze nti: "Koko, nimba bakiriho." Murabona? Rero, ntushobora kuba umutagatifu w'Umukatolika udapfuye, murabizi.

Rero aca avuga ati: "Ôo, ntushobora kuba umutagatifu utarapfa."

Ndamubaza nti: "Ivyo ubisoma he? Paulo yavuze ati: 'Kubera bari muri Efeso,' n'abahamagawe n'Imana. Yaba ariko arabasomera icete ca Paulo, ati: 'Ku bera bari muri Efeso;' kandi abo bera bări bári n'ahandi, i Galatiya, n'a—n'abera bari i Roma,' n'ibindi. Abera, 'abejejwe.' Ivyo ubivugakw' iki?"

97 Yaciye anyishura ngo: "Nuko ubu atari ngombwa ko duharira kuri Bibiliya. Kubera ko, turi ishengero, kandi ico ishengero rivuga, ntitwitaho ico Bibiliya ivuga. Ni ico ishengero ryavuze." Ati: "Noneho wibaza iki kw'ishengero Katolika?"

Ndamubwira nti: "Ese nyabuna iyo wari kureka kumbaza ivyo. Kubera ubimbajije, ngira ndakubwize Ukuri."

Arambwira ati: "Emwe, nshaka nyene ko umbwiza Ukuri."

Ndamubwira nti: "Ukwambaza imizimu kwo ku rwego rwo hejuru noba nzi."

Aca ambaza ati: "Ivyo wabibonye gute?"

Ndamwishura nti: "Umuntu wese yambaza abapfuye ni ugusenga imizimu." Ndavuga nti: "Hamwe uwo mutagatifu yishuye, aho aba ari i kuzimu. Kubera ko, uwambutse inzira, Bibiliya yanje ivuga ko adashobora kugaruka." Ukwo ni ukuri. Narongeye nti: "Nimba ari vyo, hamwe yoba yari umutagatifu, ni umurwanizi aba ariko avuga nk'umutagatifu, ntabwo ari uwo mutagatifu, na gato."

Na we ati: "Noneho, umunota umwe gusa." Avuga ati: "Namwe murambaza abapfuye."

Ndamubaza nti: "Hehe?"

Avuga ati: "Yesu Kristo yarapfuye."

Ndamubwira nti: "Ariko Yarazutse. Ntakiri umuhisi. Ariko ni Muzima, kugira ngo atuvugire, kandi ni we

Muhuza wenyene hagati y'Imana n'abantu."

> *"Ndi Umwe yari yarapfuye, none ndi Muzima, kandi ehe mpora ndi Muzima ibihe bitazoshira. Mfise urufunguzo rwa rupfu na kuzima."*
>
> *"Ugomba wese, naze anywe kumazi y'Ubugingo."*

Bagenzi! Iyo ni yo Mana yacu.

98 Iyo ni yo Mana yacu. None uruvyaro rw'abagororotsi ruri hafi guherengetera. Bwira abantu ibi bintu. Bwira abantu ivyerekeye kugaruka mu nzira ya Bibiliya. Bwira abantu ibijanye n'ibitangaza. Bwira abantu ibijanye n'ivyo. "Ishengero ryabo ntirivyizera," nuko rero ku Mana ni abana b'ibivyarwa. Bibiliya ivuga ko nimba tudashobora kwihanganira uguhamwa, n'ibigeragezo, gucokorwa, no kwitwa "aberanda bikumbagaza" n'ibindi, nk'ivyo, nimba mudashobora kuvyihanganira, muri abana b'ibivyarwa, ntimuri abana b'Imana. Bibiliya yarabivuze.

Nunyite "umweranda yikumbagaza," nimba ubishaka. Nyita ico ushaka cose. Igihe cose umutima wanje utunganiye Imana, kandi ikimenyamenya canke kikaba gihuye na Bibiliya y'Imana, nguma nkomeza ubudakebuka muri iyo nzira nyene.

99 Ni vyo, mushingantahe. Ivyo ni vyo twizeye. Iryo ni ryo Shengero ry'Imana nzima, ritazanana muri tewolojiya. Ntirizanana mu ciyumviro c'ubwenge cahimbwe n'abantu kanaka. Rizanana mu Kuri ntabanduka guhishuwe yuko Yesu Kristo ari We Wa Mwana w'Imana.

Iyaba nari mfise iciyumviro c'ubwenge gusa, kubera ko ishengero ry'Abatiste canke ishengero ry'Abametodiste ryanyigishije ngo ibi bimeze uku n'uku, iyo numvise iyi Bibiliya, nimba Bibiliya…Nimba nabatijwe mw'izina rya "Data, Mwana, na Mpwemu Yera," maze ngasoma iyi Bibiliya, maze umuvugabutumwa akambwira ko ata muntu n'umwe wo muri Bibiliya yigeze abatizwa ukundi atari mw'Izina rya Yesu Kristo, maze nkagisoma hanyuma nkabona ko ari Ukuri, noca nyarukira mu mazi vuba bishoboka. Ni vyo, mushingantahe.

100 Hamwe habaye umuntu ambwira ko—ko Yesu Kristo yari Uwukiza indwara ahambaye, hanyuma ishengero ryanje rikambwira riti: "Iminsi y'ibitangaza yararenganye," nanje nkaba nkeneye ugukira, noca nyarukira vuba uko nshoboye kw'ico gicaniro, kugira ngo nkire. Ndazi neza ko noca ndabikora.

Hamwe mbaye ndi umuvugabutumwa, maze nkaba nari mfise umuvugabutumwa w'umugore ku gicaniro canje, hanyuma nsomye muri Bibiliya nkabona yuko umugore atar'akwiriye kuba umuvugabutumwa, noca ndahamukura, n'ubwo ico kintu cohava kimviramw' iki.

Mwibuke, yari yicaye inyuma harya Mushiki wacu Wright ari, umugoroba umwe, aho umugore yari agiye kunsunurira hanze kubera gukora ikintu nk'ico. Ni vyo, mushingantahe. Navuze nti: "Ntushobora kwinjira mu rusengero rwanje wambaye ivyo bintu…" Igihe bakunda kwambara, nako hamwe bǎcācūra impuzu zabo hasi gurtya, n'ibintu bisa n'ibitwengeje, maze hafi igice c'imibiri yabo kikaba kiri hejuru. Navuze nti: "Igihe cose baramutse baje mw'ishengero ryanje, n'ukuri nzoca ndabasohora." Hanyuma rero umugorwa umwe muri mwen'abo hepfo aha, nta gihe giheze apfuye; munyuma yarampamagaye, ari ku mpfiro. Yari umukobwa w'Umukatolika, yaraduze harya maze aricara hamwe n'ivyo bintu nk'uku. Ntereje amaso inyuma ndamubona, nari nicaye hano hejuru, bǎrikó bararirimba. Nca nambura ikoti yanje, ndamusanga inyuma ho yari, ndarimwambika ku bitugu. Ndamubwira nti: "Madamu, nimba ugiye kunyumviriza ndiko ndavuga ubutumwa, woshobora kwambara iyi koti mu gihe uri mw'ishengero ry'Imana." Murabona? Koko.

101 Aca arahava yikumagura, aryanya nya minwa mito. Yaciye asohoka mu nyubako. Aca avuga ati: "Nimba ari n'idini, sinoreka n'inka yanje ngo igire idini nk'iryo."

Namubwiye nti: "Ntugire ikibazo, ntaryo izogira."

Igihe twari dufise ihema, bampamagaye mu gihe yari ku mpfiro. Yafashwe n'umutima, kandi yari ku mpfiro. Umugabo wiwe aca araza. Avuga ati: "Birashoboka, ngwino vuba!" Kandi nari neza na neza mu gikorane. Umuhungu munini, muremure, yari ahagaze ku muryango, andindiriye. Nuko nca ndanyaragasa mu gihe…

Narinjiye mu modoka yanje nca njayo nihuta. Naraduze, wa muforoma wa kera duhurira hanze, umwe akiba muri Howard Park. Yambwiye ati: "Mwubahwa, nta mpamvu yo kuza." Haheze hafi imyaka mirongo ibiri bibaye, kumbure iyiri musi y'iyo.

Yambwiye ati: "Yapfuye." Avuga ati: "Haheze nk'iminota itatu apfuye." Avuga ati: "Yavugije induru nyinshi cane, agutabaza." Yavuze ati: "Ndagufitiye ubutumwa."

Ndavuga nti: "Bw'iki?"

Yambwiye ngo:"Umbwirire urya muvugabutumwa, yuko navuze nti 'Nyabuna umbabarire.'"

102 Nca ndamanuka kumuraba. Umugore mwiza; kandi yari yacumukuye cane. Yari afise utudorodonzi duto ku zuru; umugore mwiza. Kandi utwo tudorodonzi vyasa nk'aho ari utwizanye. Amaso yiwe yari yaturumbutse yose yavuye mu bikohwa vyayo, yayarerembuye. Koko, amara yiwe n'amafyino vyari vyavuye mu kibanza cavyo, kandi umufuke wari wuzuye hirya no hino ku gitanda, nk'uku.

Hanyuma umugabo wiwe aranyitegereza, arambwira ati: "Mwene Data Branham, musabire, kuko yashaka kukubona."

Ndavuga nti: "Kumusabira ntaco vyomumarira kano kanya."

"Aho igiti gihengamiye, ni ho kigwira." Murabona? "Ntumuzimire; Imana nticokorwa. Umuntu wese ivyo abiba, azovyimbura."

103 Murabona aho biri? None vyagenze gute? Raba umugore akora ivyo. Raba abagore babayeho hiyo kera, umukobwa wo muri korare, umukobwa wiwe yabaye nde? Imaraya. Umukobwa w'imaraya yabaye iki? Umutamvyi w'imiziki y'isi w'imyaka cumi na. Umukobwa wiwe azoba iki? Hum! Iki?

Murabona uruvyaro rw'abagororotsi?

Nimurabe namwe Ababatiste. Nimusubire inyuma gato. Subira inyuma kuri John Smith, uwatanguje ivyanyu, mwebwe Ababatsite. Igihe yasenga asengera ibigabitanyo vy'abantu, kugeza, akararira aboroga asengera abantu gushika aho amaso yiwe yavyimba, bikaba ngombwa yuko umugore wiwe aba ari we amutamika ku meza, imfungurwa zo mu gitondo.

104 Namwe Bametodiste,hirya no hino, mwambaye ibisharizo ku mazuru no ku matwi, musa nk'ikirimbiro ry'umurwanizi; hanyuma mugasohoka, mwambaye amabutura, n'ibindi nk'ivyo! Mu gihe, mutama John Smith, umwe mu bakuru b'ishengero rya Metodiste, imbere yuko apfa afise imyaka mirongo umunani n'itanu, yigisha ubutumwa bugufi bw'imyaka ine, nako, amasaha ane. Vyaba ngombwa yuko bamufata bakamujana ku gicaniro. Kandi ehe amajambo yiwe yanyuma. Yavuze ati: "Ndatangajwe cane n'ibikorwa vy'ishengero rya Metodiste." Yavuze ati: "Mbere n'abakobwa b'ishengero rya Metodiste bambaye impeta z'inzahabu ku ntoki." Yovuga iki ubu, hamwe n'ayo mabutura bambara, bakaririmba muri korare?

Mwirutse neza. None habaye iki? Muriko mukora nka ba nyoko banyu. Ni vyo rwose.

Ni yo mpamvu tudashaka ko hagira na rimwe muri ayo madini aza ng'aha kur'ibi, ngo batangure kuvugira ngo: "Turi Abametodiste. Turi Ababatiste." Turi aba Kristo gusa. Nimubireke ukwo gusa, mube abidegemvya.

105 Noneho, murabona uruvyaro rw'inzoka? Ni igiki umugore nk'uriya yokuramwo? Ni igiki cokora ivyo? Ni igiki? Babandanije baza. Basubije Ababatiste inyuma, basubiza Metodiste inyuma, basubiza inyuma Peresipiteriyano. Bari mu biki? Bose baciye bisubirira inyuma, nka nyina wabo, umwe maraya wa kera. Ng'abo bose aho bari, muri bwa bumaraya nyene. "Ekaye, ntaco bihindura. Baribijwe. Baramijagiwe. Ba—baraje, baratura. Barafashe amezi atandatu yo kwisonzesha; ntibanyweye inzoga cane muri ico gihe, n'ibindi. Bari mu bayoboke beza. Bariha neza…" Ôo, bagenzi! Ivyo ntaho bihuriye n'ivyamwa vya Mpwemu.

Ivyamwa vya Mpwemu ni "ukwizera," kwizera Yesu Kristo wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose; "Urukundo" kuri Bene Data; "umunezero, amahoro, ukwihangana kw'igihe kirekire, ubugwaneza, ubwitonzi, kwihangana, ubwiyoroshi, kwirinda." Ibintu n'îvyo, ivyamwa vya Mpwemu.

106 Natwe tugafata umuntu: "Ni vyo, a—abanye neza n'ababanyi." Na Esau kwari uko nyene.

Esau nta n'umwe yigeze agirira nabi, kandi Esau yari uw'umurwanizi; ariko Yakobo, yari yavuye mu nda imwe na we, yari uw'Imana. Uruvyaro rw'umurwanizi; Uruvyaro rw'umugore, ni ho Uruvyaro rw'Imana rwazananye.

Noneho, murabona, vyose vyashitse kuri ibi, ni iki gisigaye kw'isi muri iki gihe? Ngiye kuvuga ibi vy'ukuri mu buryo bukaze, ndabishimangire, noneho tuzoca dutangura umuvyuro inyuma y'ibi, mu gikorane gikurikira. Bigeze mu kuntu kanaka. Kandi, nyabuna, simvuze ibi mu kurogota. Sindabivuze kubwo kutibanga. Bigeze ahantu, ku murwi munini w'abana b'ibivyarwa b'abanyedini. Ayo ni yo majambo yanje yanyuma.

107 Aho ni ho vyashitse koko. Ivyo murazi kw'ari ukuri. Vyageze aho mbere ari ukwifatanya n'ishengero gusa be no kuba umunywanyi w'ishengero: "Bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bagahakana Ubushobozi bwakwo," gushika aho bigera ku murwi w'abana b'ibivyarwa b'idini. Ni vyo rwose.

Hasigay' iki? Hano hari ikirwanisho kiri hiyo hakurya, mbere vyinshi, amabombe ateye ubwoba n'ibindi vyose. Arindiriye gusa iyo saha igere. Kandi hazobaho ugukomvomvorwa n'umuriro, nka kumwe vyagenda hakoreshejwe amazi.

108 Kandi mugenzi, ivyo ukora vyose, nimba uri Umukristo ukaba ufise Imana mu mutima wawe, kandi ukab'uzi ko wavuye mu rupfu uja mu Bugingo, wategerezwa kuba ari wewe muntu ahimbawe kw'isi yose.

Igihe Mpwemu Yera muri wewe…Iyo Bibiliya ivuze iti: "Yesu Kristo ni wa wundi ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose;" amadini avuga ati: "Ariko twizera yuko ibitangaza vyarenganye"; Mpwemu Yera avuga ati: "Amen, Yesu Kristo ni wa wundi nyene ejo hahise, n'ibihe vyose. Nibibe birtyo."

109 Nimba Bibiliya yavuze iti: "Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu, muzoronka Mpwemu Yera. Kukw'isezerano ar' iryanyu, n'iry'abana banyu, n'abanyamahanga, n'abari kure, abazohamagarwa n'Umwami Imana yacu…" (Abazohamagarwa n'Umwami Imana yacu, murabona, atari abazohamagarwa na Metodiste, abazohamagarwa na Batiste, ariko ni abazohamagarwa n'Umwami Imana yacu, bazoronka uyu Mpwemu Yera, none nimubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, ivyo Bibiliya ivuga): ivyo iyo bigukubise, uca uvuga uti: "Amen!"

Ishengero ryavuze ngo: "Ôo, ntaco bihindura."

Ariko uyu Mpwemu Yera muri wewe azovuga "amen" kw'Ijambo ryiwe.

"Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, ariko n'Ijambo riva mu kanwa k'Imana." Ng'ivyo rero.

110 Ngomba ko hagira uwunyereka Icanditswe kimwe aho vyigeze bivugwa ko ipome ari yo yatanguje iki kintu ng'aha. Ngomba ko munyereka yuko bariye ipome. Naberetse aho Kayini na we nyene yiyumviriye ikintu nk'ico nyene, n'aho uruvyaro rwiwe rubandanya rwiyumvira uko nyene.

Ariko impishuro yo mu buryo bwa mpwemu y'Imana irerekana, muri Bibiliya, yuko vyari ibijanye n'imibonano mpuzabitsina hagati y'umugabo n'umugore, mu buryo butemewe. Aho ni ho ivyo bigatanya vyanyu vyazazananye. Aho ni ho icaha canyu cazananye. Aho ni ho ukwononekara kwanyu kwazananye. Aho ni ho vyazananye.

Noneho nimumenye muri ivyo vyose ibi—ibi, murabe, i—inzoka yari iciye ubwenge ibihetangabo kabiri. Uruvyaro rwayo rwahoze ruciye ubwenge ibihetangabo kabiri. Nari nipfuza kwurira kur'iki gicaniro ngafata iyi mikoro mu minwe, [Mwene Data Branham aciye yegereza mikoro neza—Umw.] ngahagarara n'ibirenge hejuru y'iki gicaniro, maze ibi nkabona kubivuga. None uyu munsi, incabwenge zanyu zihambaye ziri hehe? Umwungere wanyu yaramanutse aronka ubumenyi bwinshi bw'ivy'ubwenge, none arahagaze; ni umwungere w'amashengero manini-manini ari mu gihugu, n'ibindi nk'ivyo. Uruvyaro rw'inzoka ruhagaze he? Mu bibanza vy'ubwenge n'ubumenyi nka ben'aho; incabwenge, abanyamayeri. Aho ni h'ari. Aho ni ho yibereye.

"Si kubw'inkomezi, si kubw'ubushobozi, ariko ni kubwa Mpwemu wanje, ni k'Uhoraho agize." Murabona? Aho ni ho mu…

111 Hanyuma ugaca ufata Mwene Data muto ahagaze mw'ikorosi, ariko ararira cane, kandi kumbure ahagaze aho avuza igitari gishaje, avuga ati: "Mwene Data, ngwino, urondere Umwami!" [Mwene Data Branham akubise ku gicaniro rimwe—Umw.]

Umwungere ahaciye, agaca yivugira ngo: "Huh! Sinogira ishengero ryanje…Emwe, sinokwifatanyana we, ntabwo noreka…sinokwemera Liddy na Johnny hamwe na bamwe bandi ngo bahave bambona mpagaze ahantu nk'aha." Niwibandanirize wa ruvyaro rw'umurwanizi we, uko biri kwose uriko werekeza kw'ishikiro ryawe ry'ibihe bidashira. Ukwo ni ukuri. Noshobora kuvuga irindi jambo ng'aho, nkavuga nti "abana b'ibivyarwa," kandi ivyo ni hafi aho bigeze. Kubera ko, murabona, mwebwe…

"Nta muntu ashobora kuza kuri Jewe Data atamukweze. Kandi abaza kuri Jewe bose, nzobazura ku munsi w'iherezo. Nta n'umwe azotakara. Ndabafise. Nzobagumana. Nta muntu ashobora kubikora, atari Uyu."

Vyose ni We. Ntushobora kuvuga ngo: "Narakoze ikintu kimwe." Ni ubuntu bw'Imana bwabikoze vyose. Rero jewe nta kintu na kimwe nakoze. Nta na kimwe nigeze ngira co gukora; na mwebwe n'uko. Ntimwigeze muba ababereye ku kintu na kimwe. Imana ni yo yabikoze vyose. Nta rutoke wigeze ubikozako. Ntabwo wavuze ngo: "Emwe, mva mu muryango mwiza. Nakoze ibi." Ivyo nta kintu na kimwe bihuriyeko. Imana ni yo yabikoze; imbabazi z'Imana.

112 Kano kanya mumbabarire, isaha zitanu z'ijoro ntiziragera, ariko n'ubwo bir'uko ngira ndangize. Murabona?

Ni bangahe batahura ko ivyo Bibiliya ivuga kur'ivyo bintu kw'ari Ukuri? Na cānecâne mwebwe bantu bo mw'Ihema rya Branham. [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Noneho, ivyo ni nka kimwe ca cumi na gatandatu c'ivyo twigisha kandi twizera. Ariko, mwibuke, kuri mwebwe abashitsi, ndashobora kuvuga ibi, kuri mwebwe bantu muza hano mutari abanywanyi. Ukuntu twebwe ibi tuvyizera, ni uko Iyi ari Bibiliya, kandi Bibiliya ni kwo Kuri kw'Imana.

Kandi turizera ko mw'Isezerano rya Kera bari bafise uburyo bwo kumenya ukuri n'ikitari ukuri.

Rero twese turazi ko bari bafise ivyagezwe vyanditse. Ni bangahe babizi? Ivyagezwe, ivya—ivyagezwe vyari muri ya sandugu, n'ibindi; neza cane, amategeko ku vyagezwe. Vyavuga ngo: "Ntugasambane. Umuntu wese asambana azoce aterwa amabuye." Murabona? Iryo ryari i—itegeko, n'icagezwe cerekeye iryo tegeko. Rero Isandugu yari iteretse gurtya; Amategeko yari muri yo, hanyuma ivyagezwe vy'ayo mategeko vyari mu mifuko yari ku ruhande rwa nya sanduku. Hamwe umuntu amanutse hano, agasambana; baca baza bakaraba ico amategeko avuga, "mutera amabuye." Bǎca bámufata bakamujana hanze bakamutera amabuye. Ukwo ni ko icagezwe cari kimeze kw'iryo tegeko.

113 Rero bari bafise ubundi buryo bubiri bwo kubimenya. Hama hariho batatu, nk'icemezo. Bari bafise ubundi buryo bwo kubimenya, aho haba ari mwo kimwe ku muvugishwa canke ku murosi w'inzozi. Ivyo ni bangahe babizi? "Nimba hariho umwe muri mwebwe wa mpwemu, canke umuvugishwa, Jewe Uhoraho nzomwimenyekanishako mu nzozi, mvuganire na we mu mayerekwa." Ni ukuri. Rero, yaba ari uwuvugishwa.

Rero, hagize umuntu aza akavuga ati: "Ôo, Haleluya, ndavyumvise! Ndavugishijwe kano kanya mw'Izina ry'Uhoraho. Ndafise impishuro." Ivyo ntibaca babireka ngo bigende uko, nk'uko abantu mubikora. Baca babisuzumisha Imana, ubwa mbere.

114 Rero, ku gikingira igikiriza ca Aroni bari bafise ico bita Urimu Tumimu. Ni bangahe bari bamaze kwumva iryo jambo? Cǎba ari igiki? Yari amabuye cumi n'abiri, atandatu ku ruhande rumwe, ya ba bakuru b'imiryango cumi n'ibiri; Yasipi, Yuda, n'ibindi kubandanya, amabuye cumi n'abiri. Hanyuma baca bafata uyu muvugishwa, canke uwo munyenzozi, bagaca bamanik' ahantu ico kintu gikingira igikiriza, bakamuhagarika aho. Bagaca bamubwira bati: "Ubu rero nuvugishwe, vuga bwa buvugishwa bwawe."

"Uhoraho yavuganye nanje ambwira *ibi* n'*ibi*."

N'ubwo vyaba bisa nk'aho ari ukuri gute, birashobora ko vyaba vyumvikana nk'ukuri kwose; ariko hamwe ayo matara atakiye rimwe kugira ngo agire ibara ry'umunywamazi ng'aho, Urimu Tumimu, ayo matara agahuriza hamwe, ugukora kw'indengakamere, kugira ngo bivyemeze; murabona, Imana yamye yemeza Ijambo ryayo. Murabona? Rero ayo matara y'indengakamere aramutse atatse, mw'ico gihe sinitaho ngo vyari biboneka gute kw'ari nk'ukuri, vyaba ari ibinyoma.

115 Hamwe umunyenzozi avuze ati: "Narose inzozi, kandi iyo nzozi ivuga ngo: "Isirayeli itegerezwa kugenda ikaja ahantu kanaka, kuko Abasiriya bagiye kwinjirana kw'uru ruhande babagote.'" Baca bafata uwo munyenzozi bakamumanukana; akavuga inzozi ziwe. Hamwe ayo matara atatse ng'aho, yaba yihenze, nta co bivuze n'ubwo…Nimba Abasiriya baba bacumbitse ku rugamba hakurya, yaba yihenze. Oya, mushingantahe. Bo, mu vy'ukuri, vyategerezwa kugaragazwa na Urimu Tumimu.

Rero abantu bose barazi ko ubuherezi bwa kera bwagiye, bwarangiye, kandi Urimu Tumimu yajanye na bwo. Ivyo turabizi, si ko?

Ubuherezi bushasha bwaraje. Ni iki? Mbega turafise Urimu Tumimu uyu munsi? Egome, mushingantahe. Ijambo ry'Imana! Ni vyo, mushingantahe. Ng' Iyi. Nimba hari umuntu afise impishuro iyo ari yo yose, canke akavuga ikintu ico ari co cose, canke inyigisho iyo ari yo yose idahuye kandi idafa-… ngo ihure n'iyi Bibiliya, mu Vyanditswe vyose, arihenda. Sinitayeho idini arimwo iryo ari ryo, ukuntu ari mwiza, ingene yize, uko yize; arihenda.

116 Kandi iyo hagize umuntu n'umwe ababwira ibi bintu, ibi twigishije hano mw'ishengero, akababwira ati: "Nimba waramijagiwe, nta kibazo", azoba akubwiye ikinyonya. Ivyo ntibizokwatsa amatara kuri Urimu Tumimu. Iyo akubwiye, ngo: "Gusuka utuzi nta kibazo," azoba akubwiye ikinyoma. Akubwiye ngo: "Kubatizwa mw'izina rya 'Data, Mwana, Mpwemu Yera,' nta kibazo," azoba akubwiye ikinyoma. Niyakubwira ngo: "Iminsi y'ibitangaza yararenganye," azoba akubwiye ikinyoma. Niyakubwira ngo: "Abagore kuvuga ubutumwa ntaco bitwaye," azoba akubwiye ikinyoma. Niyakubwira ngo: "Kubandanya kwumira kw'idini ryawe ntaco bitwaye," azoba akubwiye ikinyoma. Ntibizokwatsa amatara kuri Urimu Tumimu. Kandi hari ibintu vyinshi biva muri uyo "NYINA MARAYA" wa kera, bikaza ng'aho, kandi ni yo mpamvu twebwe tuguma kure y'idini.

117 Turakunda Bene Data bacu bari muri ayo madini. Ariko ntugende uvuga ngo: "Ndi Umumetodiste," hanyuma ngo wigire Umukristo kuri jewe. Uba Umukristo kubera wavyawe na Mpwemu w'Imana. Si ngombwa yuko urinda kuba Umumetodiste canke Umubatiste. Si ngombwa yuko uba umwe canke uwundi. Utegerezwa kuvyarwa na Mpwemu w'Imana gusa. Muravyizera?

Kur'urwo rufatiro, nimba hari umuntu ari hano ashaka ko dufatanya no kwinjira mw'iri sanganira ryo gusenga, hanyuma akaba ashaka ku—akaba ashaka kwibizwa, kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo, ikidengeri kiri harya. Baca babatizwa, mu mwanya muto.

Mbega hoba hari n'umwe, benshi mu bari hano, umuntu wese ashaka kuza, mu buryo na bumwe? Turi

hano. Ni ukuri.

118 Rero, nta—nta banywanyi b'idini na bamwe tugira; uba buze hano kuri iri shengero gusa. Twizera ko Kristo ari mw'ishengero rya Metodiste, ishengero ry'Ababatiste, ishengero ry'Abaperesipiteriyano. Afise abanywanyi muri buri rimwe ryose muri yo. Kandi ikibuze uyu munsi...ni ubuvugishwa bw'ibinyoma buzana ivyo bintu, inyigisho z'ayo mashengero, zinyuranye rwose na Bibiliya.

Noneho, nihagira umuntu ambwira ivyo mu buryo butomoye, ndashobora rwose kwibona…Ndizera ko muri jewe harimwo Mpwemu w'Imana ahagije, kugira ngo nshire ahabona iyi Bibiliya hanyuma ndayigire ukuri. Nimba naragiye nkaramvura amaboko nkaramukanya n'umuvugabutumwa, nkandikisha izina ryanje mu gitabu, maze nkagumana rwa rwanko n'ububisha mu mutima wanje, kandi nkagumana rya shari n'amahane, kandi nkaguma ntizera ko Yesu Kristo ari Umuganga ahambaye, n'ibindi nk'ivyo, noca ngenda vyihuta gutunganya n'Imana. Ndazi neza ko noca ndabikora. Noba imvugakuri kur'ivyo mw'ubwo buryo. Noca ntumbera n'Imana ubutarariye. Nimba noba nagumye nigumije gusa kuko noba ndi Umubatiste canke Umumetodiste, noca manuka nkaronka Ubukristo mu mutima wanje. Nobikora. Ni vyo, mushingantahe.

119 Noneho mwibuke umuvyuro ugiye kuza, Umwami abigomvye ukaba uzotangura ku mugoroba wo kuwa Gatatu uza. Bishingiye kur'urwo rufatiro.

Nimwumve bagenzi, hariho Imana y'ukuri kandi nzima. Ukwo ni ukuri. Yesu Kristo ni We wa Mwana w'Imana. Mpwemu Yera ari mw'Ishengero uyu munsi.

Rero, hamwe ndamutse ndonse umuntu yombwira ivyo, noba mfise uburenganzira bwo kubikekeranyako. Ariko, nimwumve. Umunsi umwe hiyo hakurya, nkiri umwana, nari mpagaze musi y'igiti; narayibonye. Narayumvise. Yambwiye iti: "Wirinde abo bagore b'ivyigenze. Wirinde itabi. Wirinde gutukana, kunywa inzoga, n'ibi bintu vyose. Hari igikorwa ngufitiye niwagera mu bigero." Ndazi ko ari Imana nyayo, nzima ihuza n'Ijambo ryayo.

120 Aho mariye kwisumbura gato, ukuntu Yangendeye, ukuntu Yavuganye nanje! Ukuntu nayibonye hiyo hakurya, nk'igisaka caka umuriro, hamwe na wa Muriro wariko uragendagenda hariya hakurya! Ukuntu nayibonye ivuga yongera imbwira neza na neza ivyobaye; kandi, buri gihe, bidomako neza na neza, mu buryo butunganye nk'uko.

Imwe nyene ivuga ivyo bintu bitunganye gurtyo, ni Yo nyene impumekera kwigisha iyi Bibiliya uku ndayigisha. Ukwo ni ukuri. Rero, biva ku Mana. Kuri jewe, ni Imana Mushobora vyose, kandi ni Ya Yindi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose.

Yesu yavuze ati: "Navuye kwa Data, kandi ngiye kwa Data." Igihe Yaza…

Igihe yari Imana mu bugaragwa, yari Umuco waka. Ivyo ni bangahe babizi? Yari Umuco waka, Inkingi y'Umuriro.

Hanyuma Yaraje hano kw'isi, maze Aravuga ati: "Navuye kwa Data, kandi ngiye…Navuye ku Mana, nsubiye ku Mana."

121 Igihe Yapfa, agahambwa, akazuka, mu nyuma Paulo mu nzira ija i Damasiko akongera guhura na We, Yari iki? Yagumye ari ya Nkingo y'Umuriro. Ni vyo, mushingantahe.

Yakoze iki igihe Yari hano kw'isi? Yakoze iki igihe Yahura na Paulo? Yamurungitse ate? Yamurungitse ku muvugishwa amubwira ingene akwiye kubatizwa, amubwira ico gukora; yaramurambitsekw' ibiganza aramukiza, hanyuma amubwira ko yari yabonye iyerekwa.

Uwo Yesu nyene ari hano uyu munsi, akora vya bindi nyene, kandi ahora ari ya Nkingi y'Umuriro nyene, yigisha vya bintu nyene, kandi abishimangira n'Ijambo ryiwe, n'ibimenyetso n'utwumiza. Ndanezerewe cane kuba ndi Umukristo, sinzi ico nokora. Ndanezerejwe no kubona muri Abakristo.

122 Namw'ab' ihema rya hano, narababwiye ko tugiye guhindura izina ryaryo. Ntabwo bikwiye ko riba Ihema rya Branham. Uwo ni umuntu gusa, murabona. Tugiye guhindura izina ryaryo, turihe irindi zina. Tuzobishikako, inyuma y'igihe gito. Nshaka ko riba i—ishengero ry'Imana nzima gusa. Sinshaka ko riba Metodiste, Batiste, Peresipiteriyano, Pentekote. Jewe…

Abo bantu bose, ndabakunda n'umutima wanje wose. Sinzi ngo ni naka na naka. Sinshobora kumubabwira.

123 Ico nkora ni kwamamaza Ijambo gusa. Ndaterera urusenga nkakwega. Harazamww' ibikere, hamwe n'inkara, hakazamwo n'inzoka, ariko harazamwo n'amafi. Ivyo ni Imana ibifatako ingingo. Mba bukwege urusenga gusa, nkigisha Ijambo hanyuma nkarukwega, nkavuga nti: "Ng'aba, Mwami, hirya no hino ku gicaniro. Urazi abawe; Wabamenye uhereye kw'itanguriro. Sinzi ngo ni naka na naka. Wewe Urabazi, rero ni ahawe, Mwami. Ibi ni vyo nshoboye gukora gusa. Nzoza hano nitegereze ahandi hantu ubu, maze naze

uwundi murwi. Ivyo ni vyo nshobora gukora vyonyene." Neza cane.

Ôo, numva ndi mu rugendo,
Numva ndi mu rugendo;
Inzu yanje yo mw'Ijuru nziza vy'akaroruhore,
None numva ndi mu rugendo.

124 Noneho mwibuke, umuntu wese ashaka umubonano, muhamagare Umushingantahe Mercier hano: BUtler 2-1519. [Iyo nomero ya terefone yarahinduwe—Umw.] Tuzokwishimira kubabona. Nimba abakunzi banyu baje, bizoba ngombwa yuko tunyarutsa mu gihe c'umuvyuro…Rero ubu ngiye, guhera iri joro, ngiye kwiherera, kandi nzomara iminsi ibiri, kwiherera.

Ndinjirayo gusa maze nkatangura kuzirikana, nk'uku: "Mwami, uri hafi yanje. Ndazi ko Uri hano. Kandi Ijambo ryawe ryavuze ko Uzokwegera abakwiyegereza." Ndabandanya ngasenga no gukesha kugeza mbonye iyo Nkingi y'Umuriro itanguye kugendagenda. Mw'ico gihe nca menya ko vyiteguye; rero nca nduga ku gicaniro kubw'igikorwa co gukiza, gusenga, no gukora ico nshoboye kugira ngo mfashe abarwaye n'ababababaye.

125 Turashimira ineza yawe yose ubu. Kandi iyo uza, uze kwizera, kandi turateganya kuzagira igikorane gikomeye. Ndashaka kuvuga ko…

Mbega Mwene Data Jeffries, ari hano uyu mugoroba? Turashaka gushimira Mwene Data Jeffries kubw'igikorwa ciwe. Ndakeka ko yasubiye mu mazinga, n'ibindi.

Ndanezerejwe no kubona Mwene Data na Mushiki wacu Wright, na benshi muri mwebwe bantu ba hano.

Kandi nabonye umunyamategeko Robertson hano, mu kanya, ahejeje kwinjira mu kanya. Nashaka kumushimira ku butumwa bwiwe yatanze ejo bundi. Nta muntu yavuze ico vyari vyo. Vyari biteye isoni. Yari afise ubutumwa bwiza rwose ku buvugishwa, ikintu gisa n'ibi nigishije uyu mugoroba.

Hanyuma rero, nuko hano hariho uwundi mukozi w'Imana hano muri iki gitondo, nako mw'ijoro ryakeye, Mwene Data Smith, wo mw'ishengero rya Metodiste…nako wo mw'Ishengero ry'Imana, hano. Sinzi nimba ari hano kw'uyu mugoroba, canke nimba atari h'ari. Hamwe uramutse uhagaze kw'iki gicaniro hanyuma ukaraba inyuma gurtya, biragoye kuvuga; bose baba basa, murabona, ntushobora kuvuga ng'uyu ni naka. Nimba uri hano, Mwene Data Smith, turagushimiye.

126 Kandi uyu si we, uwu yicaye hano, uyu ni wa Mwene Data muto akomoka muri Georgia, uyu yicaye hano nyene inyuma ya Mwene Data Collins? [Mwene Data Neville avuze ati: "Egome."—Umw.] Ndanezerejwe no kwongera kukubona hano kw'uyu mugoroba, Mwene Data.

Namwe abasigaye mwese, buri wese arazi abo muri bo.

Ndibaza ko uyu ari wa Mushiki wacu na wa Mwene Data hano, bamwe bigera kuja gusengera wa mukobwa ca gihe, hano nyene, uwo muganga yicaye aho ku ruhande. Umwami aguhezagire, muganga.

127 Noneho, nyabuna ntimwiyumve nk'aho nabababaje, mwebwe abakozi b'Imana namwe Bene Data, kuko ukuntu nabitumbereje cane mu buryo bushoboka. Iri ni ihema ryacu. Ni vyo duhagararira, kandi dushaka kubishira kuri iryo Jambo, maze tubinyiganzanye na ryo. Hanyuma, umunsi uzoramuka utaye umurongo, tuzoca tugaruka tuvuge duti: "Wari ubizi neza. Ng'ibi kuri bande." Murabona? Ng'ivyo rero."Ng'ibi kuri bănde."

Turafise umurundo wavyo bigomba kujako, Leo. Ariko, ariko twebwe…Murafise ibihagije. Mugumane neza hamwe n'Ivyo, ibisigaye kuri Vyo tuzobishikira inyuma y'igihe gito. Nka kumwe kwa wa mugabo yariko arya pasteke, yavuze ati: "Yari iryoshe cane, ariko haracasigaye n'izindi nyinshi." Rero turafise vyinshi kuri Vyo, biracaza.

128 Umwami abahezagire cane kano kanya. Mu gihe tu…Tugiye kugira igikorwa c'umubatizo ubu nyene. Ni vyo, ga Mwene Data Neville? [Mwene Data Neville avuze ati: "Ego, ndavyibaza."—Umw.] Hano hari umuntu aza kubatizwa mw'uyu mwanya? Ntitwitaho uw'uri we; turi—turi hano kubwo kubatiza. Kiriza amaboko yanyu, abaza kubatizwa. Umuntu, ndizera ko yari…Ng'uyu umukenyezi hano. Mbega hoba hari uwundi? Hano turafise n'abagabo n'abagore.

129 Aha rero, ntabwo tugiye kuvuga ngo: "Nimuve mw'ishengero ry'Ababatiste. Ngo nimuve mw'ishengero rya Metodiste." Si ko tuvuze. Nimusubire mu mashengero yanyu. Ariko nimba mutabatijwe hakurikijwe Ivyanditswe, mw'Izina ry'Umwami Yesu…Aha si mw'Izina rya "Yesu" gusa. Mw'Izina ry' "Umwami Yesu Kristo," ivyo ni Ivyanditswe. Wabatijwe nabi.

Nta ngorane nshaka ninashika ku ruzi. Nshaka ko ibintu vyose bisobanuka uko ndabizi, mu gihe mfise iyo tike, murabona, kuko nshaka gushika ku kivuko ku gihe. Nawe nokugira inama yo kubigenza gurtyo nyene.

Subire mu mashengero yanyu. Ivyo ni ivyanyu kumenya, hagati yanyu n'Imana. Ivyo ni vyo nshoboye kubabwira vyonyene.

Ariko nta n'umwe yigeze abatizwa mu bundi buryo na bumwe kiretse mw'Izina ry'*Umwami Yesu Kristo*. Kandi abari babatijwe bategetswe n'Umweranda Paulo, gurtya: "Hagize Umumarayika n'umwe yigisha ibindi, arakavumwa." Yabategetse kuza no kwongera kubatizwa kandi mw'Izina ry' *Umwami Yesu Kristo*. Ukwo ni ukuri. Kandi yarabikoze. Na none ivyo yakoze, yaradutegetse kubikora natwe; nuko ivyo tuzokora buzoba ari ubugombe bw'Imana.

130 Turizera ukwozana ibirenge. Turizera Ingaburo Yera.

Turizera Ukugaruka kwa Kabiri kwa Kristo; ababoneka, wa mubiri uboneka w'Umwami; atari Mpwemu, ariko wa mubiri uboneka w'Umwami Yesu wongera kugaruka ufise ubwiza.

Turizera ukuzuka kugaragara kw'abapfuye, kugira ngo baronke imibiri, atari iyi isaza y'iminkanyari kumwe tugenda mu mva tumeze, ariko mushasha, ukiri itoto w'ubuyabaga, kugira ngo babeho ibihe vyose.

Turizera mu buryo ntabanduka ukudapfa kw'umushaha. Twizera yuko hariho imero imwe y'Ubugingo Budashira, kandi ubwo ni bumwe muronka muje kuri Yesu. Ukwo ni ukuri koko.

Kubw'ivyo, ntitwizera igihano gihoraho. Turizera umuriro wo muri gehinomu, umuriro wo kubabarizwamwo, ariko ntitwizera ko uzokwama waka ibihe bidashira; bibaye ivyo hoho, na we woba ufise Ubugingo Budashira. Hariho Ubugingo Budashira bumwe rudende, ubwo na bwo ni bumwe buva ku Mana. Kandi ukwo ni ukuri. Kumbure uzosha imyaka umuliyoni, imyaka imiliyoni cumi, sinzi, ariko ntibishobora kuba Ibihe Bidashira. Ntushobora gusha ibihe vyose. Urashobora gusha ibihe vyose, ariko atari Ibihe Bidashira. Murabona, hariho itandukaniro hagati y'Ibihe Bidashira hamwe n'ibihe vyose. *Ibihe vyose* ni ibihe n'ibihe, iyo menyetso ihuza amajambo abiri isobanura "ikiringo c'umwanya." Ariko Ibihe Bidashira, nta gihano c'Ibihe Bidashira kibaho.

Ugira Ubugingo Budashira kubera hariho imero imwe rudende y'Ubugingo Budashira. Kandi uwufise Ubugingo Budashira abaho ahezagiwe n'Imana ibihe vyose.

"Ariko umushaha ucumura…" ni wo uzogira nte? [Ikoraniro rivuze riti: ''…uzopfa.''—Umw.] Ukwo ni ukuri. Mw'ico gihe nta Bugingo Budashira uba ufise. Koko. Uronka—uronka igihano cawo, ariko atari Ubugingo Budashira.

Rero murabona, haracariho ibintu vyo kwigishwa, tuzobishikira ubutaha. Umwami abahezagire.

131 Kano kanya reka turirimbe ya ndirimbo nziza ya kera, mu gihe Mushiki wacu ariko yegera harya. Ndibaza uyu mukenyezi arashobora…

Rosella, ni ko witwa? [Mushiki wacu Rosella avuze ati: ''Egome''—Umw.] Ôo, umutima wawe uhezagirwe! Ndanezerejwe no kukubona, Mushiki wacu, ukora ivyo. Ivyo ni vyiza cane.

Rosella Griffin, umwe mu bagenzi bato beza twaronse. Ni umukobwa akiri muto yahoze ari imborerwa; kuri bamwe muri mwebwe bantu hano, mushobora kuba mutamuzi. Rosella ntiwiteho yuko ndiko mvuga ivyo. Igihe yaza ku gicaniro haruguru aho—aho…haruguru hano muri Indiana. Nimba mwarigeze kubona ishano, yari umwe muri bo, yari imborerwa ruhebwa. Aho, abaganga bane bakomeye bo muri Chicago bavuze ko yari…Ishirahamwe ry'Imborerwa, n'ibindi vyose, bari barahevye. Ariko umugoroba umwe, igihe yinjira mu gikorane, Mpwemu Yera yaciye asobanura ubuzima bwiwe abimubwirira aho nyene. Ivyo vyaciye birangiza ikibazo.

Nimumurabe kano kanya, ndakeka, imyaka mirongo itatu n'iyindi, wokwibaza ngw'afise cumi n'umunani; umukobwa mwiza w'igikundiro. Ntabwo yigeze asubira guhonja wisiki kuva ico gihe; nta cipfuzo cayo agifise. Abayeho kubwa Kristo, agenda irya n'ino mu mabarabara, ahantu hose, ashinga intahe kubw'ubwiza bw'Imana, ku banyavyaha n'imborerwa, ahantu hose mu mayira, n'ibindi vyose, muri Chicago, agir'ico akoreye Umwami.

Yarabatijwe mw'Izina ry'Umwami Yesu, kandi nyina yaje kw'uyu mugoroba kugira ngo na we abigenze artyo; nimba Imana ishobora kumukiza, nimba Yesu yarashoboye kumukiza…

132 "Ivyo mukora vyose haba mu majambo canke mu bikorwa, vyose mubikore mw'Izina rya…" [Ikoraniro rivuze riti: "...rya Yesu Kristo."—Umw.] Ni vyo Bibiliya ivuga. Ni vyo.

Neza cane, ubu tugiye kugira igikorwa c'umubatizo. Tugiye kuzimya amatara mu minota mikeya gusa mu gihe dutegura ico gikorwa, kubatizwa, hanyuma—hanyuma tuze kwitega ibihe vyiza mu Mwami.

Uraza gukora igikorwa c'umubatizo uyu mugoroba? Ni vyiza, vyokubera vyiza—vyokubera vyiza witeguye. Hanyuma ndatangura, ndayobora indirimbo n'ibindi mu gihe tubandanya mw'uyo mwanya. Mu

gihe bariko baragira… [Mwene Data Neville avuze ati: "Hariya inyuma hariho impuzu, ga Doc?"—Umw.] Impuzu z'umubatizo, Doc, niwihute. Vyiza cane.

Reka turirimbe imwe gusa muri izi nziza za kera… [Agace katavuga kuri bănde—Umw.]

Kandi kugeza igihe tuzokora ivyo, mu gihe dutashe, dutegerezwa kugira nte?
Dutware Izina rya Yesu,

Twikubita imbere y'ibirenge vyiwe,
Mwami w'abami mw'Ijuru, tuzomwambika ikamba,
Urugendo rwacu ruzoba rurangiye.
Neza cane, duhaguruke.
Nutwere Izina rya Yesu,
Mwana w'umubabaro n'amakuba;
Rizogutera umunezero kandi riguhumurize,

Ndababwire ico tugira dukore. Hindukira i ruhande hanyuma uramukanye n'umuntu ahari, maze uvuge uti: "Amakuru, Mwene Data? Ndanezerewe cane kubana nawe mu gikorane"
Ni Izina ryiza!
…Barishime mw'Ijuru;
Ni Izina ryiza, (Izina ry'igiciro!) Ôo, ukuntu…

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7